# Ukwizera Gutunganye

Jeffersonville, Indiana, USA

25 Myandagaro 1963 Ku Mugoroba

1 Data wacu wo mw'Ijuru, iki ni co cipfuzo cacu kur'uyu mugoroba. Twakoraniye hamwe kugira ngo twizere gusa, twizere Umwami Yesu gusa. Hano hariho bamwe, kur'uyu mugoroba, barwaye kandi babababaye, natwe igikorane cacu c'uyu mugoroba twagihariye ugukira indwara kw'abarwaye n'imibiri ijanjaguritse. Kano kanya, nk'uko umuririmvyi yaririmvye ino ndirimbo, *Iyo Yesu Aje,* nuseruke ku rubuga ku bwacu kano kagoroba Mwami, maze ukize abababaye bose, gurtyo ntihaza kubaho umuntu n'umwe w'intege nke hagati yacu. Biduhe Mwami, kandi udufashe mu gihe tugiye kuraba mw'Ijambo kano kanya kugira ngo turonke ukwizera gukwiye kubwa kino gihe. Tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

2 Ni ayande? Hano hariho imyambaro ibiri y'amarori, hari uwayatakaje, yatowe mw'ishengero. Nimba hariho umuntu…nimba ari ayawe, emwe, ari ng'aha ku gicaniro, ku ruhimbi.

Ndazi ko benshi bakora, rero bategerezwa gutaha hakiri kare, gurtyo rero sinza kuvuga umwanya muremure cane; nza guca ngira umurongo w'amasengesho kugira ngo dusengere abarwaye. Rero naronse akaryo ko kwitaho bimwe mu vyari vyihutirwa igihe nari hariya mu cumba, navyitayeho imbere yuko ninjira, kur'uyu muhingamo. Bimwe muri vyo ata nkeka, ni ibiteye ubwoba cane, cane rwose kandi bibabaje. Rero no kwakura nakuye, nongera ndasengera abarwaye. Kubona ikiganza c'Umwami wacu Yesu gikiza abarwaye n'abababaye, mbega ukuntu ari Mwiza!

Ubu rero, s'uko gusa tuja mur'ibi bikorane vy'ugukira indwara kubera nk'uko bisanzwe…Mpwemu Yera azoca aza ng'aho nimba hariho icihutirwa, ace agisuzuma vyihuta agishire ahabona yongere agire ico akivuzeko. Mbere ibisigaye muri vyo, emwe, turagira gusa…kumbure ntibiba biraba bibi cane, rero duca tubirengana. Nariyumviriye, maze iminsi ibiri hano, vyoca biba ngombwa yuko igikorane kimwe tugiharira ugusengera abarwaye. Ndizera ugukira indwara kw'abarwaye. Nizera yuko ari itegeko rya Bibiliya. Ivyo ntidushobora kuvyigisha, hatarimwo…Ubutumwa Bwiza bwuzuye ivyo tutabishizemwo.

3 Rero, ntibishoboka…Sindabimenya, sinabaye ngihamagara muhira kano kagoroba, kumbure birashoboka yuko kuw'Iyinga uza hazoba ari hano kandi. Reroni mu—nimutabitwumvana muri iri yinga, Billy niyaba atarabibamenyesha (azohabwa agakete gato hagati mu ndwi) nimutavyumva, aho rero no kuw'Iyinga uza hazoba ari hano; kubera ko ivyo bibashikana ku Munsi Mukuru w'Abakozi, murabona, kuruhuka, hamwe no…nako kuja mu mihira yanyu. Murabona? Nuko rero turaza kugerageza, Umwami abishatse. Rero, ubu, nimutumva…Ndibaza yuko Billy azobarungikira agakete, canke na ho azobibabwira mu bikorane, mu buryo ubu canke buriya. Rero natabahamagara, aho rero n'uko kuw'Iyinga uza nzoza ng'aha. Mwene Data Neville, nimba ata kibazo nje…? [Mwene Data Neville avugishije Mwene Data Branham.—Umw.] Ôo, ivyo ni vyiza!

4 Nimba hari uwipfuza kubimenya, uyu ni Collins muto ari hano. Muri ya minsi y'Amashashara Ndwi, abaganga bari babwiye uyo muhungu yari afise inyonko mu makonyera yuko yategerezwa kuryamira umugongo hanyuma akanywera mu muringoti; vyari ivyo. Maze se na nyina bamuzana muhira, bamushira mu cumba, duca turamusengera. None Umwami Yesu yaramukijije burundu, ubu yarasubiye kw'ishure; maze abategetsi baca barabatumako kugira ngo babisigure. Barahamagaye umuganga karuhariwe yahora amukurikirana, na we nyene ntiyashoboye kuvyizera…Ntiyashoboye kwizera ikintu nk'ico, uwo muhungu baca baramumanukana kugira ngo bamukorere ibipimo, basanga ni umunange, ata kibazo na kimwe afise. Aho Yesu aziriye, ubushobozi bw'umugeragezi buca bujanjagurwa!

Murazi igitangaje, nari guhava nsaba umuntu umwe ngw'aririmbe iyo ndirimbo kw'uyu mugoroba. Hanyuma mu gihe nari harya mu cumba ndiko nditaho abantu, nca numva ng'iyo iraje, umuntu kanaka yariko araririmbira hano: *Iyo Yesu Aje.* Iyo itaza kuririmbwa, nari gusaba umuntu kanaka ayiririmbe imbere yuko mvuga kw'uyu mugoroba. Rero, Akora vyose mu buryo butunganye.

5 Kano kanya, benshi muri mwebwe baza kurindira gushika buce, abaja kure cane, kandi ndashimagiza ako kigoro. Bamwe muri mwebwe baza kugendesha imiduga bataha kubera bategerezwa kuja ku kazi izuba riserutse, mu gatondo, kandi ndabizi biragoye. Kandi rero iyo ivyo ndavyiyumviriyeko nkongera nkavyitegereza,…

Naje ndashikirwa n'ibihe vy'uguhinyuzwa, murabizi; ndaca mu bihe bitoroshe. Mpora nshika aho ngira…Ibinshikira, ni igihe nshikirwa n'ivyo bihe vy'uguhinyuzwa igihe mba nashitse aho nkora vyose, maze Satani agaca aza akambwira ati: “Erega, nta n'umwe akwitayeho. Vy'ukuri nta mugenzi n'umwe ufise mw'isi, urabona.” Kandi rero ivyo…

Mwibuke, simfise ubudahangarwa ku mageragezwa. Murabona, ivyo nanje ntegerezwa kubinesha. Rero iyo nitegereje inyuma nkabona ibintu mwen' ivyo, nca mpindukira tugahangana amaso mu yandi maze ngaca mvuga nti: “Ibi na vyo gute?” Ivyo biramfasha kunesha. “Ibi na vyo gute?”

6 Ni nk'umugenzi wanje umwe, yicaye hano mu gikorane, hărihó umurwi umwe, ubwoko bw'umurwi w'abantu batizera ugukiza indwara kw'Imana, ubushize baje kur'uyo Mwene Data w'umuyabaga bavuga bati: “Birya bintu bariko barigisha hariya bijanye n'ugukiza indwara kw'Imana, nta kirimwo.”

Hanyuma uwo muntu akaba aba muri Kentucky, neza na neza hafi y'umutamakazi uwo, igihe twari i Action Camprounds, yari ku mpfiro ari mu kudendurwa na kansere. Hanyuma murumunawe aca aza mu gikorane afise umushwaro mu gasakoshi yari yagendanye, maze Mpwemu Yera aca adoma urutoki kur'uyo mugore yari yicaye inyuma (kandi sinari bwigere nja aho hantu imbere y'aho) Amubwira yuko "afise umushwaro mu gasakoshi kiwe, ako yari afise ng'aho yari yakuye muhira, kandi ko murumunawe yari ari ku musozi kanaka hariya, ari ku mpfiro kubera kansere yo mu mushishito. Umuganga yari yaramwihebuje." Nca mvuga nti: "Genda urambike uyo mushwaro kw'uyo mugore, kuko UKU NI K' UHORAHO AGIZE: 'azobaho.'" Rero uwo mugoroba, ababanyi bibajije yuko bagendewe na bamwe bo mu Gisirikare c'Agakiza, igihe Mwene Data Ben yajayo, baca bashira i…Kandi uwo mugore yari yakize neza ku buryo yakora ibikorwa vyiwe agatako agakora n'ivy' umubanyi.

7 Rero, uyo musore azi ivyo, aca avuga ati:"Nimuce munsigurira rero ivyo vyabaye kw'uyo mugore!" Ivyo vyaciye birangiza ikibazo. "Nsigurira; murazi yuko yari arwaye kansere. Yari yaraje ng'aha i Louisville hanyuma abaganga baramubaga, bavuga bati: 'Nimumushone gusa, nta gishobora kuvamwo.' None ubu ameze neza cane, yarakize." Avuga ati: "Ivyo rero nimubinsigurire." Ivyo vyaciye birangiza ikibazo. Murabona?

Murazi muri Bibiliya, havuga ngo: "Babonye uwo muntu yakijijwe ahagararanye na bo, babura ico bavuga." Aho ni igihe tu…Ivyo Satani bimutera ibimaramare, si ko? Uwo muntu yari yakoretseko igitangaza yari ahagaze ng'aho.

Mbega Imana irazura abapfuye? Ng'aha nyene hicaye umuntu, aha nyene, yazutse mu bapfuye. Mbega Imana irakiza abarwaye? Ôo bagenzi, ibiganza vyoca bikirizwa vyoboneka hose! Imana irakiza abarwaye. Kandi turazi yuko Yo Iri Umwe NDIHO A—Ahambaye, atari Umwe "Nari," canke "Nzoba"; NDIHO. Ukwo ni ukuri. NDIHO bisobanura "Uwama ahari, hose, umwanya wose"; Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose.

8 Kano kanya, kugira ngo twihute, reka tuzingurure muri Bibiliya ihezagiwe. Ngomba nsome umurongo wahora ukunda kunzazanira igihe naba ndawusomye. Kandi nshaka kuza kugira umurongo w'amasengesho uyu mugoroba, hanyuma nsengere umuntu wese ashaka gusengerwa.

Rero kano kanya tugiye kuzingurura muri Mariko, Mariko Mweranda, igice ca 11 ca Mariko Mweranda. Hanyuma mu gusoma turatangurira amaja ku murongo wa 22 w'igice ca 11 ca Mariko Mweranda. Kandi benshi muri mwebwe barazi iki Canditswe, kiramenyerewe cane. Ni co Canditswe nariko ndiyumvirako, Mwene Data Russell, igihe ya mi…igihe Yavugana nanje Ikambwira ibijanye na ya mihare. Hanyuma ica… Ico ni co Canditswe nyene nariko ndiyumvirako. Camye kinzazanira. Yavuze ati: *"Nimwabwira,"* atari "Ninabwira". *"Nimwabwira!"*

9 Kano kanya, reka dusome:

> *Yesu aramwishura arabwira ati: Mwamane ukwizera Imana.*
>
> *Ndababwira ukuri yuko umuntu wese azobwira uyu musozi ati: 'Shinguka utabwe mu kiyaga,' hanyuma ntabikekeranye mu mutima, arikw'akizera yukw'ico avuze kizoba, azokibona.*
>
> *Ni co gituma mbabwira yukw'ivyo musenga canke musaba vyose, mwizere yuko mubihawe, kandi muzobibona.*
>
> *Kandi nimwahagarara musenga, nihaba hari ico mupfa n'uwundi, mukimuharire, ngo So wo mw'Ijuru na We abaharire ivyaha vyanyu.*
>
> *Ariko nimutaharira abandi, na So wo mw'Ijuruntazobaharira ivyaha vyanyu.*

10 Gurtyo rero, ukwizera gushingiye ku mbabazi. Hanyuma kandi nk'uko nyene twabivuze mu gatondo, turiko tugerageza gushikana ishengero mu kibanza c'aho twoshobora vy'ukuri kubona vya bihe vy'Intumwa biriko biragendagenda hagati yacu, ico ni co twese dushonje. Kandi biri neza na neza ku rugi. Turabibona, ariko dushaka kubibona birushirije. Dushaka yuko vyisuka cane ku buryo natwe bizodufasha kwicukumbura ku bandi.

Mwibuke Yesu, (nk'uko twabibonye mu miga yo mw'iki gitondo) ntiyigeze akoresha ubushobozi bwiwe kuri We nyene, Yabukoresha ku bandi. Ico ni co bwari bwarungikiwe. Kandi rimwe na rimwe muribaza muti: "Kubera iki Umuntu yari yuzuye ubushobozi ukur'aho, nka We, yotegerejwe kwigera arwara?" Ego me mushingantahe. Ndamaze gusoma mu gitabu kimwe, ahantu hamwe, aho ca gihe yazura ka gahungu, ka gahungu ka wa mupfakazi w'i Nayini (ndibaza ni mu gitabu *"Umwami w'Inzu ya Dawidi"*), yuko Yaciye agenda kwicara ahantu ku kibuye Araniha kubera kumeneka umutwe. Murabona? Yiremetse ubumuga bwacu. Kwiremeka bisobanura "kuvyikorera." Murabona, Yaravyiremetse. Kandi Yari afise ibintu vyose mu…nk'uku tubifise. Yari afise indwara, Yaragira amageragezwa, Yari afise ingorane, Yari afise imibabaro nk'uku natwe tuyigira, kubera Yategerezwa kuba ubwo bwoko bw'Umuhuza akwiriye; kubw'ivyo

Yategerezwa kubihonjako, Umurimyi w'icamwa, imbere yuko na We abimenya. Wa mugore kw'iriba n'ibindi, murabona, hamwe turavye mu Vyanditswe.

11 Nshaka kuvuga yuko nizera Ivyanditswe vyose, kandi yuko agace kavyo kose ari ukuri. Hariho abacokoranyi uyu munsi badashaka kwizera ivyo. Hari umucokoranyi igihe kimwe yavuze yuko "igihe Yesu yarungika ba bigishwa hamwe inyana y'indogoba yari iziritse, ku mahwane, ngo Yari Yabiteguye imbere y'igihe harya irya nyana y'indogoba yari izirikiye." Murabona, ntibatahura yuko Imana ari Yo yabiteguye imbere y'igihe.

Imana yarambwiye, wa munsi wundi, hamwe na Mwene Data Dauch hano, yuko nokwongeye "kumukora mu minwe, harya kw'ibarabara." Ivyo vyari bitangaje, sinari ino ico gitondo; ariko haheze iminota ibiri, canke umunota uheze, kandi sinohuriye na we mw'ibarabara. Ariko nasohotse mu modoka mu mwanya wo kuramukanya na we, mu gihe yari azananye mw'ibarabara. Ntiyamenye kubera yari yakuye amarori yiwe, gurtyo rero, ntiyari ashoboye kumbona. Ariko igihe yumva ijwi ryanje, yaciye atangura kurira. Vyari ibiki? Mu bisanzwe, ivyo ntakunze kubikora; ariko yari inyishu ku vyo yari yabwiwe hariya, musi ya ca cuma gitanga umwuka wo guhumeka; yotegerejwe kubikora.

Navuze nti: "Uzongera kwicara mw'ishengero ubugira kandi." Cari co cipfuzo c'umutima wiwe. Igihe twagira ca gikorane c'i Chicago, yarashatse kuza mur'ico gikorane, umutima wiwe waravyipfuza cane. Naramurungikiye intasho zacu n'abana bacu biciye kuri teregaramu, namubwiye yuko twariko turasenga kugira ngo akire, vuba bwango. Hanyuma Mwene Data w'umukundwa yamugendeye, yavuze yuko yashaka gusa kuza bimwe bibi. Ariko ehe ng'uyu yicaranye natwe kano kagoroba. Murabona? Ivyo ntivyari ivyateguwe imbere y'igihe. Iyo Mana nyene yari yabitunganije, Ituma ibintu vyose bigenda neza mu buryo butunganye ku gihe nyaco.

12 Igihe kimwe umucokoranyi umwe yavuze ngo: "Ntibitangaje kubona Yesu yari ashoboye gufata imikate itanu hanyuma akagaburira abantu ibihumbi bitanu," ngo: "Imikate yari minini-minini kirya gihe, ngo rero umukate umwe wose Yaba buwumanyure gusa hanyuma Akawugaburira abantu igihumbi."

"Nagomba nkwibutse yuko ari yo agahungu gato kari gafise kugira ngo kaze kuyiririrwa." Agahungu gato kari kikoreye imikate itanu yoshobora kugaburira abantu ibihumbi bitanu kandi bakanahaga! Hanyuma vya biseke na vyo cumi na bibiri begeranya vyasigaye na vyo bimeze gute? Murabona? Ȏo, bagira gusa…abo ni abacokoranyi gusa, nta bindi. Ivyo ntibihindura Ijambo ry'Imana. Riguma ari rya rindi nyene, murabona, ritera rija imbere.

13 Ubu rero, kano kanya dushaka kuvuga ku kwizera, ukwizera kw'ubundi bwoko: *Ukwizera Gutunganye.* Ico ni ikintu gihambaye. Ubu rero, ukwizera, tubwirwa muri Bibiliya yuko "ukwizera kuva ku kwumva." Rero, ntushobora gukizwa utagira ukwizera. Kandi ukwizera ni ikintu mutegerezwa kwizera yuko kiri ng'aho, ico mu vy'ukuri ata kindi kintu kizokwemeza yuko gihari atari ukwizera kwonyene. Ndiko ngerageza kubazanira ukwizera, kugira ngo mushobore kuba abiteguriye uyu murongo w'amasengesho, mu minota mikeya iri imbere.

14 Ubu rero, ukwizera: "Uwegera Imana akwiye kwizera yukw'Iriho." Kandi ntibishoboka guhimbara Imana ata kwizera, ntushobora kuyihimbara. Na ho uvuze yuko wizera Imana…nturigera uyibona, murabona, kubw'ivyo rero utegerezwa kuyizera ukoresheje ukwizera. Kandi na ho iyaba mwashobora kuyibona, ntikwoba kukibaye ukwizera. Murabona? Ikintu cose inzira-nyumviro zemeza, ntikiba kikiri ukwizera, ni igikorwa cemezwa n'ubushakashatsi; murabona, ntikiba kikiri ukwizera. Ariko mutegerezwa kuyemera biciye ku kwizera. "Rero uwegera Imana akwiye kwizera Imana; kandi ukwizera kuva ku kwumva Ijambo ry'Imana." Murabona?Mutegerezwa kubanza kwizera yuko iri ari Ijambo ry'Imana, kandi mugategerezwa kwegera Imana muciye kw'Ijambo. Murabona? Mufate gusa Ijambo, ico rivuga, muvuge muti: "Uku ni ukuri! Ibindi bintu vyose binyuranye na ryo, si ukuri."

Aburahamuyategerejwe kwizera ico rirya Jwi ryari ryaramubwiye. Kandi igihe yari amaze imyaka ijana, haheze imyaka mirongo ibiri n'itanu, yari avyizeye bimwe bikomeye kuruta uko yavyizera imbere y'iyo myaka mirongo ibiri n'itanu yari iheze igihe yabihabwa. Murabona? Yaravyizera. "Ariko yiyumviriye ico Imana yamusezeraniye, ntiyakekeranishwa no kutizera, ariko aremeshwa cane no kwizera, ahesha Imana icubahiro." Kandi ni uko nyene, umwe wese ategerezwa kumera gurtyo nyene. Mutegerezwa kuza mufise ukwizera kudahusha, mwizeye yuko Imana yatanze isezerano. Ariko rero, mutegerezwa kuba muri ahantu kanaka kugira ngo muronke ukwo kwizera, kandi ivyo ni vyo tugiye kuvugako; murabona, kuronka ukwo kwizera.

15 Mu Baheburayo, mu Gitabu c'Abaheburayo, ku gice ca 11 tubwirwa bino ngo: *Ukwizera ni ukumenya neza ivyizigirwa…*

Rero, aho ni ho abantu benshi bananirirwa kuronka ugukira kwabo, canke ivyo baba bariko barasaba, kubera ko ukwizera bakugira ikintu kutari. Murabona? Ntibavyizera. Ni—ni…i—si iciyumviro c'igihimbano. Ni ikintu nyaco c'ukuri.

Ubu rero, mwumvirize neza! Murabona, si ukwiremera ivyiyumviro. Ni ukw'ukuri kuri mwebwe nk'uko inzira-nyumviro yose y'umubiri wanyu yemeza ikindi kintu cose. Ni ukw'ukuri nk'uko amaso yanje yemeza ati: "Uru ni urupapuro." Ni ukw'ukuri co kimwe no kuvuga nti: "Iri ni itara." Ni ukw'ukuri co kimwe no kuvuga nti: "Ndumva ko nambaye ikoti." Ni ukw'ukuri co kimwe—co kimwe nk'uku ndiko ndumva ako kana kariko karavugira hariya, canke kariko karavuza urwamo. Murabona, ni ukw'ukuri, co kimwe no kwumva umuziki. Ni ukw'ukuri co kimwe na kurya mponja ikintu cose mu kanwa. Ni ukw'ukuri mur'ubwo buryo, kimwe gusa ntushobora kukwereka uwundi muntu. Uba ugufise wewe wenyene. Amen! Ni ukwawe. Ukwizera ni ikintu gikabakabwa; murabona, si igitito. Rero abantu benshi baraza…

Ubu rero, ibi ni ivyigwa nyavyo vyimbitse, nanje ndaza kubica ku masonga, namwe muzovyimba mubisesangure. Murabona?

16 Murabe neza, ni ikintu kanaka ufise; si ukwiremera ivyiyumviro, uba ugufise vya nyavyo. Ni ukw'ukuri kuri wewe co kimwe n'ikindi kintu cose coshobora kubaho. Ni ukw'ukuri co kimwe—co kimwe na kurya uba uzi yuko uriko uranyonga umuduga. Ni ukw'ukuri nk'uku muzi yuko mwicaye mw'ishengero. Ni ukw'ukuri nk'uku muriko murumva ijwi ryanje. Ni ikintu nyaco c'ukuri, si ukwiremera ivyiyumviro, si ibishobisho; ariko ni ikintu kanaka ufise, kandi kukuzako mu kwumva Ijambo ry'Imana, Ryonyene gusa. "Ukwzera kuva ku kwumva, ku kwumva Ijambo ry'Imana." Emwe ivyo bigushikana aho ukwizera kwawe kutaba gushinzwe mu muntu kanaka. Ntikuba gushinzwe mu muntu. Ntikuba gushinzwe mw'idini kanaka. Ntikuba gushinzwe mu murwi kanaka w'abantu. Kuba gushinzwe mu Mana, kubera Imana ni Ijambo. Murabona? Ukwizera kwawe kuba kuri mu Mana. Ukwizera kuva ku kwumva Ijambo ry'Imana!

Kubw'ivyo rero igihe Imana biciye kw'Ijambo ryaYo…atari ico umuntu kanaka yakoze, ico umuntu kanaka yavuze, ariko ico Ijambo ry'Imana ryavuze. Yavuze Iti: "Ijambo ryose ry'umuntu niribe ikinyoma, maze iryanje ribe ukuri."

17 Rero urabona umuntu kanaka akoze ikintu kanaka agikoreshejwe n'igikorwa n'Imana, canke isezerano ry'Imana; hanyuma benshi muri bo bagaca bavuga bati: "Naje ivyo ndashobora kubikora." Aho ukwo ni ukwiremera ivyiyumviro. Hanyuma iyo babikoze, ugaca ubasanga basangukiye ahantu kanaka hiyo. Gitegerezwa kuba ikintu nyaco c'ukuri. Rero ivyo, kuba ari ukwizera mu buryo bw'imfatakibanza. Ico ni ikintu categerezwa kukuzana ku kwizera. Ni kwo mu buryo bw'imfatakibanza, nka kurya wontuma igiti c'umwaloni, hanyuma ngaca ndakuzanira amagoma yaco. Mu buryo bw'imfatakibanza igiti c'umwaloni uragifise, ariko ntikiramera ngo gikure; ariko nicamera kigakura vya nyavyo kizoba ari igiti c'umwaloni. Rero iyo wibajije yuko Imana ikora ibi…Ariko iyo ubihishuriwe, aho kuba ari ukwizera, Ukwizera Gutunganye kudashobora guhusha.

Ico ni co gituma aya mayerekwa ari ayadasanzwe cane kuri jewe, kubera ko igihe cose yamye yemezwa yuko ari "ukuri." Murabona? Kandi ndazi yuko ivyo Yabisezeranye. Kandi Yarabisezeranye mw'Ijambo ryayo, non'ehe Iraza Ikabisezerana kubw'iki gihe. Mur'ico gihe, ub'uzi aho uhagaze, iyo Ibivuze. Murabona, ivyo jewe bimpa ukwizera, kubera nta kintu na kimwe Yigera Ikora kinyuranye n'Ijambo ryayo ryanditse. Murabona? Iyaba na ho binyuranye n'Ijambo, nta kwizera noshobora kubigirira. Bica vyongera bikagaruka kw'Ijambo, murabona, ukwizera mu kwumva Ijambo ry'Imana. Mutegerezwa kwumva Ijambo! Ijambo ry'Imana ni iri Jambo rihagije muri vyose. Ni Ryo riri ivyo mukeneye vyose, ni iri Jambo.

18 Rero, ukwizera ni ikintu nyaco c'ukuri, kandi muri kwo turabona (mu Baheburayo) ico ukwizera kwari, n'ivyo abari bagufise bakoze. Murabona, kenshi abantu baba bafise ukwizera uyu munsi, ejo bakaba batakigira na mba; bukeye bw'aho hakaba hari ikindi kintu, ikintu kanaka. Ariko iyo Imana ibitumye bishinga inanga rimwe gusa, na we ukabibona, nta kintu na kimwe gishobora kubaho kuzoshobora kubigukurako. Atar'uko uriko ukubita uhushagirika, ukabakaba, ucacisha. Gucacisha na vyo ni "kwiyadukiza ata bubasha ubifitiye," uriko uragerageza ibi gusa, wongera wirukira ng'aha, wirukira na hano. Nta Kwizera uraronka! Ariko igihe…Ico ni co twita "Ukwizera."

Nda—nda—nda…Murantunga. Nshaka ko mu…Urakoze Mwene Data.

Nshaka kw'ibi mubitahura kano kanya. Tu…Ishengero ubwaryo ritegerezwa kuduga mu bushobozi bw'Imana. Gute? Turi hafi cane y'umuhero, kino gihe, kandi ndizera ko Ishengero riri mu bihe vy'aho dushobora kuryigisha ibintu vyimbitse gato, hanyuma turikuremwo ibi vyo kwigirisha ngo ni kwizera, murabona, maze ryinjire mu kintu ca nyaco c'ukuri. Murabona? Gitegerezwa kuba ari ikintu uzi!

Nka hamwe uvuze uti: "Mwene Data Branham, urya s'umuco."

"Ariko ndazi yuko ari umuco."

"Uzi gute yuko ari umuco?"

"Ehe ndiko ndawitegereza."

"None, uzi gute yuko utoshobora kuba uriko urihenda?"

"Ukubona kwanje kwamye na ntaryo kumbwira yuko urya ari umuco." Murabona?

19 Kandi iyo ni yo mpamvu nizera aya mayerekwa, kubera ko igihe cose yamye ambwira ukuri, kubera ko biva mw'Ijambo. Murabona? Nuko rero iyo Ibivuze, biba biheze. Rero, iyo bivuzwe nk'uko, nta kubikekeranyako ukundi, biba bizoshika. Igihe mwumvise: "NI K' UHORAHO AGIZE," murabona, kubera aho bi—birengeye ivyiyumviro vy'umuntu. Ni ivy'iyo Hejuru mu birere bw'ivyiyumviro vy'Uhoraho. Ariko muba muhagaze ng'aha neza na neza nk'uruzabibu…neza na neza nk'ishami ryama icamwa kiri mu Ruzabibu. Murabona? Imana ikoresha umuntu, umuntu gusa. Imana ntikoresha amamashini. Imana ntikoresha umurwi w'abantu. Imana ntikoresha amadini. Imana ikoresha abantu ku giti cabo, ibihe vyose!

20 Rero, ukwizera ni ikintu nyaco c'ukuri, kandi biciye muri kwo, turatahura yuko ibi bintu vyose ari ho vyaremewe. Si—si ukwiremera ivyiyumviro, ni ikintu nyaco c'ukuri; na cānecâne Ukwizera Gutunganye. Ukwo ni kwo ndiko ndavugako kano kagoroba, gushikira Ukwizera Gutunganye. Si ukwiremera ivyiyumviro.

Rero, hariho abandi bantu baza bakavuga ngo: "Ôo, ndafise ukwizera kwose; ôo, nta nkeka ndagufise." None, uhagaze ng'aho urondera iki rero? Murabona? Murabona? Murabona, ibikorwa vyawe ubwavyo birerekana yuko udafise ico uriko uravuga. Murabona? Iyaba wari ufise ukwizera, uhagaze mu murongo w'amasengesho urondera iki none? Murabona? Kuki ukora ivyo bintu?

Murabona, iyaba wari ufise Ukwizera Gutunganye, wari guca uhanga amaso Imana ubwo nyene hanyuma ugaca uvyizera, ugaca wigira. Ntivyari ngombwa ko ukenera kuza mu murongo w'amasengesho. Ntiwari gutegerezwa gukenera ivyo bintu, kubera ko ukwizera kwawe kwari kuba kwamaze kubikora. Murabona? Vyomarira iki kuvuga ngo: "Ntegerezwa kwambara ishati?" Nsanzwe ndayambaye!

"Uzi gute ko wambaye ishati?"

"Erega, ndayibona, ndayumva, ndabizi ko ndayambaye." Emwe, ni mw'ubwo buryo ntabanduka, igihe Ukwizera Gutunganye kuba gutsimbataye. Nta bindi uba ukeneye. Biba vyamaze kuba; kandi uba ubizi.

"Ubizi gute?"

"Ukwizera kurabimbwira!" Ni vyo. Murabona? Mbega ubu murabitahuye, ivyo nshaka kuvuga? Ukwo Kwizera Gutunganye.

21 Rero, mu yandi majambo, ndiyadukiza nkavuga nti: "Emwe, nzogenda. Bibiliya yavuze iti: 'Hamagara abakurambere, babasige amavuta, babisengere.' Ndabizi nzodugayo." Hanyuma ukavuga uti: "Emwe, nzoca nkira." Murabona, ni wewe uba uriko muravyigira, utiyubaye, uzosanga witekeye wewe nyene ubwawe. Hanyuma ugaca uza ng'aho, ugatangura kuvuga ngo: "Ôo, sindaki…" Ni ivyo rero, nta kwizera wari ufise!

Ukwizera kwanyu kw'ukuri kuzoca kubikora aho nyene. Ukwizera kwanyu kw'ukuri kubigira ivy'ukuri ku buryo…Nimwitegereze wa mugore muto yari arwaye ukuvirirana kw'amaraso, yavuze ati: "Hamwe gusa nshoboye gukora ku buyonga bw'impuzu yiwe, noca nkira." Kandi akibikora, yavuze yuko "yumvise muri we iyo ndwara y'ubunyanka yaciye ihagarara." Yari avyizeye ata nkeka.

Rero igihe yabukorako…kugira ngo vyemeze yuko ukuvirirana kwari kwahagaze, Yesu yaciye ahindukira hanyuma abaza ati: "Ni nde ankozeko?" Ukwo Kwizera Gutunganye! Kandi ukwo Kwizera nyene kuraza gukora kuri Yesu kur'uyu mugoroba nk'uko kwabikoze kirya gihe. Urya mugore yaje afise Ukwizera Gutunganye kubwa kirya gihe.

22 Ubu rero, turabona yuko ubwa mbere abigishwa batari bafise kuno Kwizera Gutunganye. Ntibari bagufise, kubera ko bari bafise Kristo, bagendana na We; ariko mu nyuma, Kristo yari muri bo. Nuko rero murabona, biragoye kuronka kuno Kwizera Gutunganye mudafise Mpwemu Yera; ni We ategerezwa kuzana ukwo Kwizera, ni co akora. Ubu muravuga muti: "Abigishwa ntíbǎri bafise Ukwizera Gutunganye?" Oya; kubera bǎri baronse umwana arwaye intandara, bǎriko bagerageza gusenda iyo dayimoni ngo imuvemwo, ariko ntíbǎbishoboye.

Hanyuma se w'uyo mwana abonye Yesu aje, avuga ati:"Twazaniye abigishwa bawe umwana wacu, none ntibashoboye kumukiza." Murabona?

Mu nyuma ni ho abigishwa babaza Yesu, bavuga bati: "Kuber'iki tutashoboye kumukiza?"

Na We arabishura ati: "Kubera ugukeha kw'ukwizera kwanyu, kubera ukutizera kwanyu." Ukwo ni ukuri. "Kubera ukutizera kwanyu ku…"

23 Ariko rero mwibuke, bǎri báfise ubushobozi. Yesu yari yarabahaye ubushobozi bwo gukiza abarwaye, bwo kuzura abapfuye, no gusenda abadayimoni, imbere y'aho gato. Bǎri báfise ubushobozi, ariko bǎri bábuze ukwizera kwo gukoresha ubwo bushobozi. Ubu rero ng'iryo Ihema rya Branham! Ng'iryo rero Ishengero, Umugeni, uyu munsi! Mpwemu Yera ng'aha hamwe n'ubushobozi, ariko namwe, kuno Kwizera nta kwo mufise kugira ngo kubutume bukora. Mbega murabona ico nshaka kuvuga? Bisaba ukwizera

kugira bukore.

Ehe rabe: hano mu minwe mfise inkoho irimwo amasasu. Ndazi ico iri bukore bivanye n'umuvuduko w'urusoro, co kimwe n'Ijambo, ariko iyo nkoho ntegerezwa kuyirasisha. Umuriro utegerezwa gushikira ifu y'urusoro. Iyo fu iba ifise ubushobozi, ariko itegerezwa kuronka umuriro uyatsa. Kandi nk'ukwo nyene ifu y'urusoro iri mw'ibano, ariko ikenera ukwizera kugira ngo kuyidomeke ice imijurira urusoro hanze. Ico ni co bisaba, murabona, bisaba Ukwizera Gutunganye kugira ngo kudomeke ubushobozi bwa Mpwemu Yera dufise kano kanya, kuva igihe yatumanukako; ukwizera kwo kudomeka, kugira ngo ntubone ibihambaye, ni ku…ukwizera, ikintu kibikuzanira.

24 Ugendagenda mu cumba c'abarwaye hamwe n'umutima wuzuye umunezero, uzi neza na neza ico uhava uvuga. Ugendagenda ng'aho imbere uzi neza na neza ibihava bishika, ikintu kanaka camaze guhishurwa, kandi na we ukaba ukizi. Hanyuma ugaca winjira ukavuga uti: "Mw'Izina rya Yesu Kristo, haguruka usohoke ng'aha. NI K' UHORAHO AGIZE!" Ng'ivyo rero; ukwo Kwizera Gutunganye. Hamwe ng'aho habaye abantu imiliyoni cumi bahagaze ng'aho bavuga yuko bidahava bishika, wewe uba uzi yukw'iyo bija hose biza gushika, kubera ko uba ubizi. Biraza gushika. Hatitaweho ico uwundi wese avuga, ni wewe uba ufise ukwo Kwizera.

Mwoshobora kwiyumvira yuko Yosuwa yari kurinda guhamagara abakuru b'Abisirayeli hanyuma akavuga ngo: "Ee rero Bene Data, turi abasavyi b'Uhoraho, nari nipfuza yuko musaba…mubaza Uhoraho nimba vyoba ari vyiza hamwe atwongeye umuco w'izuba gato, murabona, dufatîre izuba gato?"

Ooya; yari akeneye umuco (kandi nta no kurinda gusenga, ata n'ikindi kintu), yari awukeneye, nuko aca ategeka izuba! Yaribwiye ati: "Hagarara aho nyene! Hari ico ngomba kwikorera, kandi ndi mu gikorwa c'Uhoraho, ni We yantumye hano mur'iki gikorwa, kandi ndiko nkora uko nshoboye, umwansi yasabagijwe, bari muri kano gace; ninareka izuba rikarenga bahava baca biyegeranya hanyuma banteze ingorane nyinshi. Kubw'ivyo rero, guma aho nyene uri! Na we kwezi, nturenge ng'aho!" Amen. Guca kuguma aho nyene mu kiringo c'amasaha mirongwibiri n'ane.

25 None rero, nimba isi ari yo izunguruka hanyuma ikaba ari yo yahagaritse, maze izuba rikaba ari ryo riri ahantu hamwe ritazunguruka, aho na ho vyagenze gute? Rero hamwe ivyo mutavyizeye, muca muba abahemu; kandi na ho muvyizeye muca mutera umugere ivy'ubushakashatsi, kubera ko bavuga yuko hamwe isi ihagaze yoca ikoroka. Rero aho ni ibiki? Kandi hamwe uvuze yuko Ijambo ry'Imana atari ukuri, mw'ico gihe uba uri umuhemu. Murabona? Ariko vyarabaye, ico ni co ca nyamukuru. Sinzi ingene vyagenze, ariko vyarabaye!

Sinzi ingene Mpwemu Yera yabigenje, ariko ico nzi ni uko yamanutseko. Sinshoboye kuvuga uko We abigenza, ariko ndazi imihezagiro yiwe. Ico nitayeho kumenya, ni imihezagiro ya Mpwemu Yera. Uko bigenda, ni We abikora. Iryo ni ibanga ryiwe.

Uyu muhunga ntiyari gushobora gukira, kubera…Abigishwa bari bafise ubushobozi; Yesu yari yarabahaye ubushobozi bwo gukiza indwara z'ubwoko bwose, gusenda abadayimoni, guhumanura abanyamibembe, no kuzura abapfuye. Yari yarabahaye ubwo bushobozi, ariko ntíbǎri báfise ukwizera kwo gukoresha ubwo bushobozi bǎri báfise. Ni kwo guca babaza Yesu bati: "None rero, kuki bitādushobokeye?"

26 Ubu rero mwibuke, bǎri báfise Ijambo; kandi ni Ijambo ryǎri ryâmbaye umubiri. Hanyuma iryo Jambo ryǎri ryâbabwīye riti: "Ndabahaye ubushobozi!" Amen! "Ndabahaye ubushobozi." Kubw'ivyo rero bǎri báfise ubushobozi, ariko ntíbǎri báfise ukwizera kwo gukoresha iryo Jambo ryǎri muri bo. Murabona ico nshaka kuvuga? Ariko Yesu yari agufise, Yari Jambo, kandi Yari afise ukwizera yuko ico Yavuga cotegerejwe gushika. Yavuze ati: "Ôo, munzanire hano. Nzobihanganira kugeza ryari?"

Yari afise ukwizera, hamwe n'ubushobozi bwiwe. Yabigenje gute? Yavuze ati: "Ntaco nshoboye gukora ubwanje." Kuber'iki? Yari Yishimikije ico Yari Ari; Yari Yishimikije ku kumenya yuko Yari Ijambo. Kandi Yari yizeye Imana, Yo yamugize Ijambo. Yari Imana (Ijambo), na bo bari muri We, rero ivyo vyamuhaye ukwizera kubera Yatâhūra uruhagararo rwiwe. Yari Azi ico Yari, kubera ko Ivyanditswe vyǎri vyâravúze yuko Yari ico. Kandi ng'aho Ivyanditswe vyose vyariko bitonda umurongo kugira ngo vyemeze yuko Yari neza na neza ico Ivyanditswe vyari vyaravuze yuko Yobaye, kandi na We Yaramenye ico Yari Ari.

27 Kubw'ivyo rero, Yari Yishimiye ico Imana yari Yaramugize. None nimba We Yakoze ivyo, mbega tweho ntidushobora kwishimira ico Imana yatugize nk'abizera? "Ibi bimenyetso bizokwama bikurikira abazoba bizeye!" Yari afise ukwizera mu co Yari. Kandi nimba uri uwizera, urafise ukwizera kw'ico uri: uri uwizera! Rero nimba warizeye Imana, hano Bibiliya ivuga mu…

> *"Nimba imitima yacu itwagiriza, mur'ico gihe nta kwizera dushobora kugira; ariko nimba imitima yacu itatwagiriza, mur'ico gihe tuba dufise ukwizera, tuba dushize amanga imbere y'Imana."*

Nimba ivyo mushaka kubisoma, nimubirabe muri Yohana Mweranda 3:21. Ico Canditswe nari nacanditse hano. Ubu rero murabe, Yohana Mweranda…Nashaka kuvuga 1 Yohana 3:21. Mwitegereze neza.

*…imitima yacu iy'itadutsindishije, turashira amanga imbere y'Imana.*

Igihe cose mugikora ibintu bitari vyiza, ntimushobora kugira ugushira amanga imbere y'Imana. Rero, murabona, mushobora…muzoca mumenya ako kanya nyene yuko muri mu makosha. Ubwo nyene uzoca wishira mu kibanza c'umunyavyaha, mu kumenya yuko uri mu bitari vyo. Ariko iyo umutima wawe utagucira urubanza, kandi ukaba uzi yuko uri uwizera, kandi hakaba ata kintu kiri hagati yawe n'Imana, urashobora gusaba ico ushaka cose kandi ukaba uzi neza yuko ugihabwa, kubera ni Ijambo wahâwe nk'uko vyǎri bímeze kuri bano bigishwa.

28 Ubu rero, ikintu conyene mutegerezwa gukora, ni kwizera ico muri. Nimwizere ico Ijambo rivuga yuko muri! Rero Yesu yari afise ukwizera mw'Ijambo ry'Imana, kubera ni ryo ryǎvuga ico We Yari Ari: *"Biranditswe kuri Jewe."* Mbega si Dawidi mu Mazaburi; hamwe n'abavugishwa, hamwe n'abo bandi bose bǎvuga kuri We? *"Ni Jewe Mutsima w'Ubugingo umanuka uva ku Mana mw'Ijuru."* Amen! *"Ni Jewe ca Giti c'Ubugingo cǎri mw'Itongo rya Edeni. Ni Jewe ndi ivyo bintu vyose, NDI UWO NDI WE."* Kandi Yarabimenye akoresheje uku Kwizera Gutunganye, yuko Yari We umwe Mesiya asizwe amavuta, yuko Mpwemu w'Imana yari kuri We. Yavuze ati: *"Jewe ntaco nikorera ubwanje; ariko ni ukwizera kwanje mu Mana."* Rero Imana yari muri We, Ijambo ryari rigaragajwe. Kandi iyo Ijambo ry'Imana rikwinjiyemwo, rica rigaragazwa, kubera ko uri uwizera. Murabona? Kandi uwizera ni "ukwizera kw'Imana gukorera muri mwebwe."

Mbega ivyo murabikunze? Ndakunda igihe mu…Ndakunda nigishe hamwe i…ukuntu i…ukuntu ari ikintu gikabakabwa.

29 Yari azi Uwo Yari We, ata gitutu na kimwe co gukekeranya, Yaramenye yuko Yari Umwana w'Imana. Yarabimenye, kubera ko Ijambo ryarabidondora. Ijambo ry'Imana ni ryo ryadondora Uwo We Yari We. Yavuze ati: "Nintakora ibikorwa vya Data, aho rero ntimunyizere; na none nintakora ivyo bikorwa, ntimunyizere. Ariko ninabikora, nimwizere kubw'ibikorwa ubwavyo, kubera ko vyo ari ryo Jambo ryasezeranywe rigaragajwe." Ôo, ese hamwe gusa mwoshobora kwikangura kubw'ibi akanya gato! Murabona, Ijambo ubwaryo ryaramudondora, Uwo Yari We. Kandi Yavuze ati: "Ninde ashobora kunyagiriza icaha?" Mu yandi majambo: "Ninde ashobora kunyereka yuko ubuzima bwanje n'ibikorwa vyanje bidashitsa neza na neza ivyo Mesiya yokoze?" Nta n'umwe yari gushobora gukurako umunwa; kubera ko Yari We. Kur'ubwo rero Yari Afise ukwizera, kw'uko ico Yavuga cose coshitse.

Yaciye ahindukira avuga ati: "Ibikorwa nkora, namwe muzobikora. Hasigaye igihe gito ab'isi ntibabe bakimbona; ari mweho muzombona, kubera nzoba ndi kumwe namwe, mbere no muri mwebwe. Ntimuzohagarikwe umutima n'ivyo muzovuga, kubera simwe muzovuga, ni Data aba muri mwebwe; ni We azokwivugira. Kandi si Jewe, ni Data aba muri Jewe akora ivyo bikorwa." Murabona ico nshaka kuvuga?

30 Ubu rero, umwidondoro w'Umukristo w'Ivyanditswe, ni aya Majambo Yesu yavuze: "Ibimenyetso bizokwama bikurikira abazoba bizeye ni ibi." None, ni gute ushobora kwiyita uwizera, abantu, hanyuma ugaca uhakana aya Majambo? Ni gute ushobora kwiyita uwizera hanyuma ugahakana n'ijambo na rimwe ry'iri Jambo? Murabona? Ntushobora kubikora. Ntuba uri uwizera, ni co gituma ibimenyetso bidashobora kugukurikira, kubera ko wemera gusa ivyo ushaka kwizera hanyuma ugaca ushira ku ruhande ibisigaye vyo muri Ryo…nturyizere. Ariko mutegerezwa kurifata ryose, hanyuma mukaryizera. Kandi iyo wizeye vy'ukuri (atari kwigira ko wizeye, ariko kwizera vya nyavyo), ibi bimenyetso rero bica bikurikira abizera.

Ôo, mbega woshobora kugereranya Umukristo w'uyu munsi hamwe na ba Bakristo b'aho hambere? Ukuntu abo bigishwa bagendera mu bushobozi bwa Mpwemu, bakagendeshwa na Mpwemu Yera! Imbohe gusa, nka kumwe navyigishako ejo bundi kuri wa mugoroba, imbohe y'Ijambo n'ubugombe vy'Imana; ntiyari ashoboye kunyuganga atari Imana imunyugangije. Mbega muripfuza kubona Ishengero rihagurutse mur'ubwo buryo? Rizohaguruka; rigiye kugaruka. Ritegerezwa kuza. Ukwo ni ukuri. Rite…Ndizera riri mu nzira kano kanya.

31 Kubera Ijambo ni ryo ryǎdōndōra, ni ryo ryǎmudōndōra, ico Yari; kandi iryo Jambo nyene ni ryo ritudondora natwe. Murabona? *"Nihagira uwunkunda, azokwitondera ivyagezwe vyanje. Kandi na ho avuze yuko ankunda ariko ntiyitondere ivyagezwe vyanje* (ivyo ni ivyagezwe vyose), *ni umubeshi, kandi Ukuri nta n'ubwo kuri muri we."*

Uravuga uti: "Emwe, sinizera vyose…" Erega mur'ico gihe, rero…uri uwutizera gusa, nta bindi. Nimba Bibiliya ibivuga, ivyo bituma kuba ukuri, ivyo birangiza ikibazo Ibihe Bidashira. Ico Bibiliya ivuga, ni Ukuri.

Nimwitegereze neza hamwe Yatubwira ati: "Nimwaguma muri Jewe, Amajambo yanje akaguma muri mwebwe." Yohana Mweranda 15: "Nimwaguma muri Jewe,…" Murabona, kumwizera. "Nimwaguma muri Jewe, Amajambo yanje akaguma muri mwebwe, musabe ico mushaka cose."

32 Ubu rero murabona, Yaramenye ico We Yari Ari, kubw'ivyo Yaragize ukwizera. Ukwizera kwashoboye kwama ivyamwa igihe Yamenya ico Yari Ari.Ubu na ho: "Nimwaguma muri Jewe, Amajambo yanje akaguma muri mwebwe," aho rero muba muzi abo muri bo, "Musabe ico mugomba cose, muzogihabwa."

Mbega ivyo ntivyoba ari vyiza cane, kano kagoroba, hamwe umuntu wese aje mur'uyu murongo w'amasengesho, avuga ati: Ndi Umukristo, nta kincira urubanza gihari, ndazi umutima wanje ntuncira urubanza, hariho ikintu kanaka kimbwira yuko uyu mugoroba ari ryo herezo ry'umubabaro wanje"? Ivyo, muze kubikora. Muza kuva hano mujanye ikintu kanaka. Ntaco bitwaye uko mwinjira mu bishobisho kwose, ivyo mukora vyose, nta kivamwo kiretse gushika aho kuno Kwizera Gutunganye kukwigaragarijemwo kukongera kukakwidondoreramwo ubwakwo, nk'ikintu nyaco c'ukuri. Kandi kumaze kuba kuri ng'aho, aho nta kintu na kimwe kizogenda kikunyigangije ngo kibigukureko.

33 Hamwe ubaye wari urwaye kansere, hanyuma ejo hahise umuganga akaba yari yakubwiye yuko wobaye wapfuye imbere y'igitondo co kuw'Iyinga (umutima wawe wose, uguhema kwawe kwose kwagiye akagirire, kansere yakununuje yakumaze, umurindi w'amaraso yawe yose ukaba wahindutse kansere, ico biri cose); hanyuma hagaca haza Ikintu kanaka gifise kino kintu c'Ukwizera kw'ukuri, Ukwizera Gutunganye kwoca gushira ico kintu muri wewe, ku buryo uwo muganga woca umutwenga imbonanya.

Woca umera nka wa mutama Eliya, igihe yaguma yigendagendera imbere ya ca kigirwamana, avuga ati: "Mbega ntimworaba mugasemerera cane? Kumbure ko yafatiriwe." Yari azi ico yari agiye gukora, kubera ko Imana yari yamubwiye ivyari bigiye gushika. Yavuze ati: "Imana iza kwishura biciye ku muriro, abe ari yo Mana."

Bavuga bati: "Iyo nama turayemeye." Nuko basuka amazi ku bicaniro. Hanyuma barikebagura, barakora ico bashoboye cose, maze barahamagara bati: "Yewe Bayali! Yewe Bayali! Twishure!"

34 Eliya yari atekereje bimwe bishoboka. Aca avuga ati: "Nimwongere musemerere cane," avuga ati: "Kumbure Bayali arafatiriwe. Kumbure ari mu rugendo rwo kuroba. Kumbure hari ibindi arimwo, murabona. Ari hiyo hakurya ahantu kanaka." Gusa baca…Aba arabitwengera kubera yari azi ivyari bigiye kuba.

Ôo, nimwihweze igihe yamara gukora vyose neza. Yaciye yegereza ng'aho avuga ati: "Uhoraho Mana ya Aburahamu, Isaka na Isirayeli!" Ntiyigeze amuvuga mw'izina ryiwe bwite Yakobo, "umuriganya." Yamwise Isirayeli, "umwami aganzanya n'Imana."

"Uhoraho Mana ya Aburahamu, Isaka n'iy'uyu mwami (Yakobo), reka bimenyekane uyu munsi yuko ndi umusavyi wawe; kandi yuko ibi nabikoze bitavanye n'ivyipfuzo vyanje, atari ukwishira hejuru kwanje, ariko ibi nabikoze nisunze icagezwe cawe; ubugombe bwawe, ni Wewe wambwiye kubikora. Wanyeretse yuko ibi bintu vyobaye hano. None, nasutse amazi ku gicaniro. Ibi bintu vyose nabikoze nisunze icagezwe cawe. Kano kanya, reka bimenyekane!" Amaze kuvuga ivyo, umuriro uca utibuka uvuye mw'Ijuru. Yari ashize amanga yuko wari ugiye gutibuka, kubera ko yari afise ikintu ca nyaco. Kubera iki? Ijambo ryari ryabivuze.

35 None rero, iyi Bibiliya ni rya Jambo ry'Imana nyene. Rero iyo muronse ico kintu nyaco (ukwo Kwizera Gutunganye); ikintu nyaco cemeza yuko iri sezerano Imana yasezeranye ari iryanyu.

"Wiyumva gute Mwene Data Branham, iyo uhagaze aho ukabona abantu bo mu ndimi zitandukanye n'ibindi? Nta bwoba wumva?" Oyaye, mushingantahe. Oyaye, mushingantahe. Yarabivuze! Sinigeze ngira ubwoba na mba, kubera ko Yarabimbwiye, kandi ndizera kw'ari Ukuri.

Hamwe uyu mugoroba Yombwira ejo mu gatondo kuzoja ku kirimba c'imva z'abakuru b'igihugu kuzura George Washington, noca ntumira isi yose nkavuga nti: "Nimuze mubirabe aho biza kubera." Noca mvuga nti: "Muze muzanye buri…murondere abacokoranyi bose mushaka hanyuma bahagarare hirya no hino, mugiye kubona Ubwiza bw'Imana. Nimushire irya ntebe harya aho mushobora kwicara muharindirire akanya gato; mu kanya isase aza kuba ari hano, ninamuhamagara."

36 Rya joro igihe wa mwana wo muri Finland, wa munsi nako; yari arambaraye yapfuye, yari amaze igice c'isaha arambaraye ng'aho, yashwanyaguritse, amaraso ariko amijukana mu maso, mu mazuru no mu matwi; utuguru twiwe twari twavunagurikiye mu masheseti yiwe, amano aseruka mu masheseti, ibirato vyiwe sinzi iyo vyari vyaguye. Naritegereje, nca ndiyumvira nti: "Uyu ategerezwa kuba ari wa muhungu." Ndavuga nti: "Hinge, reka turabe kuri rwa rupapuro rw'inyuma rwa Bibiliya Mwene Data Moore."

Duca twegera Mwene Data Lindsay, Mwene Data Moore aca araraba aho inyuma avuga ati: "Kandi bizoba, NI K' UHORAHO AGIZE," Ôo bagenzi, "hazoba ari ahantu hari ivyatsi vyinshi bitotahaye. Hazoba hakikijwe n'ibitandara. Hazoba hari agahungu k'imishatsi itamoye hose…kazoba kambaya ipantaro ifise ibifungo amaja haruguru hamwe n'amasheseti maremare. Kazoba gafise amaso asa n'inginagina kandi kazoba kayarerembuye. Kazoba kishwe n'impanuka y'imodoka. Ariko uzomurambikako ibiganza hanyuma ace asubirana ubuzima."

37 Vyari Ivyo vyari vyanditse ng'aho. Yari arambaraye ng'aho arindiriye Ijambo. Ndavuga nti: "Uyu

muhungu nataba ari muzima mu minota ibiri uhereye none, nzoba ndi umuvugishwa w'ikinyoma, muce munyirukana muri Finland. Ariko niyaba muzima na ho, muce mwikubita hasi, mwihane."

Nca mvuga nti: Rupfu, ntugishoboye kumugumya." Naciye mpamagara impwemu yiwe nisunze Ijambo ry'Imana nti: "Mw'Izina rya Yesu Kristo," ubwo nyene aca arabaduka. Neza! Murabona? Ôo bagenzi! Ukwizera, murabona, kuba kuronse aho gufatira. Imana yarabivuze, none ng'ivyo!

Rero, iyi ni Imana ivuga muri kino gihe biciye mw'iyerekwa. Ariko ng'iki: Iyaba iryo yerekwa ryari rinyuranye n'Ibi, aho rero ryǎri kuba ari ikinyoma; *Ibi* birarengeye iyerekwa. Hamwe iyerekwa rinyuranije n'Ijambo, nimuce murishibura; ntiriba ryavuye ku Mana, Imana ntivuguruza Ijambo ryayo bwite.

Ariko, nimba iri Jambo ryakubwiye ikintu kanaka, mur'ico gihe urashobora kugira kwa gushira amanga nyene kw'ikigiye gushika. Nta kintu na kimwe…Hamwe Rivuze riti: "Bazorambika ibiganza ku barwaye, bakire", emwe, Mwene Data, hamwe n'ukwizera, kuno Kwizera Gutunganye, ivyo guca kubifata kukavyumirako, wo…iyo uciye mur'uyu murongo w'amasengesho, wosimbagurika uvuza induru gushika u… uvuye hano: "Biba biheze!" Biba vyarangiye! Biba vyarangiye vyose, biba biheze! Hamwe ubaye ufise umutwaro mu mutima wawe maze ukizera yuko igihe iryo sengesho ryasengwa kubw'ivyo rizokwishurwa, nta kindi kiba gisigaye, ivyo ni vyo bizoshika; nka wa mugore yari arwaye ubutinyanka.

38 Yesu yari afise Ukwizera Gutunganye. Yari agufise, kandi kwaje kubera Yari Ijambo. Rero muhinduka Ijambo, muhinduka Ijambo, igihe muba mwakiriye Ijambo. *"Nimwaguma muri Jewe, Amajambo yanje akaguma muri mwebwe. Amajambo yanje ayo…"* Iri Jambo, *"niryaguma muri mwebwe, musabe ico mugomba cose, muzogihabwa."* Murabona? *"Nimwabwira uyu musozi muti: 'Shinguka,' hanyuma ntimukekeranye, ariko mukizera ico mwavuze, aho rero muzoca muronka ico muzoba mwavuze. Nimwasenga, mwizere yuko muronka ico musaba, hanyuma muzokironka; muzogihabwa."* Nta gihe, nta mwanya, nta kintu na kimwe kizobihindura. Muba muzi yuko vyakoretse. Biba vyamaze kurangira kuri co.

39 Ubu rero ni murabe! Rero Yatubwiye ati: *"Nimwaguma muri Jewe, Amajambo yanje akaguma muri mwebwe,"* Yohana Mweranda, hano, *"murashobora gusaba ico mushaka cose, kizoshika."* Rero, nimumenye ikibanza canyu mu Vyanditswe, nk'uwuzera. Murabona, mutegerezwa kumenya ikibanza canyu, nk'uko na We Yamenye ikibanza ciwe.

"Mbega ntivyanditswe yuko Kristo Yoje, hamwe n'ivyo Yokoze vyose?" Yabwiye Kileyopa na bamwe bandi ca gitondo ati: "Mbega ntivyanditswe mu Vyanditswe yuko bazotegerezwa ku…yuko Ategerezwa kubabazwa kandi Akicwa hanyuma Akazuka ku munsi ugira gatatu?" Avuga ati: "Kuber'iki muteba cane gutahura?"

Ni ho baca biyumvira bati: "Yamara, uyu muntu avuga ugutandukanye gato n'ukw'abandi bantu." Bamaze kwinjira mu nzu, ni ho bagiye kumenya yuko Yari We. Murabona, amaso yabo vyari vyayananiye kumumenya. Murabona, ni ho babona Akomeza kwisunga Ivyandutswe, babona kugundura ko Yari We.

40 Rero, mutegerezwa kwizera ivyo musaba. Nimba uri uwizera, niwimenye nk'uwizera. Numenye yuko ibi bintu ari kubwawe. Nimba hariho ugutsindwa n'urubanza mu mutima, ivyo c'ubanza ubitunganye. Murabona? Nimba na ho ata gutsindwa n'urubanza ufise mu ntuze yawe…Nda…mbere woshobora kuronka Oral Roberts hamwe n'abandi bantu umuyoro bafise ukwizera kwo kuza ng'aha hanyuma bakagusengera, ugasimbagurika, bakanagusukako indobo y'amavuga, ariko ntihagire ikivamwo. Ukwo ni ukuri.

Ni igiki kiba muri mwene ivyo mu bikorane vya Oral?Mpora ndabagundura mu murongo w'amasengesho. Uza wumva Avuze ati: "Wari warasengewe imbere y'aha."

"Umugabo afise imishatsi yirabura, umugabo munini ukuntu, w'imibangabanga minini." Uwo aba ari Oral Roberts. Murabona? "Kandi ivyo vyabereye mu gisagara kanaka, citwa gurtya, ikintu nk'ico."

"Ego me, ukwo ni ukuri." Murabona.

"Wari warasengewe n'uyu n'uriya." Murabona, ibintu nk'ivyo. "Ariko ng'ibi rero, ingorane yawe n'iyi." Murabona? "Genda utunganye kino kintu. Genda waturire umugabo wawe kino caha, canke umugore wawe. Genda ukore bino." Ntakizokwigera kivamwo, n'ubwo yoba ari nde yagusengeye, kiretse gushika aho uzotunganiriza ico kintu. Ugutsindwa n'urubanza kuba kuri mu mutima wawe, kandi Imana ntizokwigera itumbera umutima utsindwa n'urubanza. Murabona? Imana ntigerera muri ben'uwo; mutegerezwa kugitunganya. Umaze kubikora rero, utegerezwa kugira ukwizera. Nimba ibintu vyose bimeze neza, mutegerezwa kugira ukwizera kandi mukavyizera. Ntimutinye.

41 Mu Gitabu ca Yobu, hano havuga gurtya, ngo: "Yobu yaratinya." Kandi mu vy'ukuri ico yatinya, ni co cashitse. N'igiki cabiteye? Ubwoba bwiwe. Ico ni co catumye bishika. Ukwizera kwǎtegerezwa kubimurinda, yamara ubwoba bwiwe buca buramuzana…burabimuzanira. Yaratinya yuko bizohava biba, nuko bica biraba. Rero, iyo biza kuba—iyo aza kumenya yuko bitoshitse, ntivyǎri gushika. Mbega murabona ico nshaka kuvuga?

Nimba uba ufise ubwoba igihe uba uje mu murongo w'amasengesho: "Kumbure nta kwizera gukwiye mfise"; ntugire ikibazo, ntibizokwigera biba. Murabona? Ariko nimba uzi yuko bizoshika, bizoshika. Murabona?Murabona, ni ikintu nyaco c'ukuri cemeza ikintu kanaka. Yobu yari afise ubwoba yuko ivyo bintu vyohavuye bimushikako, kandi vyaciye bimushikako. Nimba ufise ubwoba yuko indwara igiye kukuvako…nako itazokuvako, ntizokuvako. Nimba ufise ukwizera, izogenda.

Murabaza umuganga wese, ikintu ca mbere agerageza kugushikana gukora, ni kugirira icizere imiti aguha. Nimba ata cizere uyifitiye, vyokubera vyiza uyiretse. Murabona? Ata nkeka. Ni ibiki none? Ukwizera ni kwo gukiza; ukwizera ni kwo kubikora igihe cose.

42 Petero, yariko abikora neza cane gushika aho agiriye ubwoba. Ijambo ryari rimubwiye yuko na we yari ashoboye kugendera ku mazi. Ubwa mbere yari yatinye, yari yibajije yuko cari igihume, hanyuma avuga ati: "Mwami, nimba ari Wewe, mbwira nze ndagusange ku mazi."

Amwishura: "Ngwino." Rero, ivyo ni co kimwe na Yakobo 5:14, co kimwe na Mariko 16. Ya Mana nyene yarivuga, Yavuze iti: "Ngwino." Ni kwo guca atangura aratambuka. Yabikoze neza cane, yaciye yururuka ava mu bwato, atangura gutambuka…

Hariho imikuba ku kiyaga murabizi, hamwe n'imipfunda minini y'agasongero kera hejuru; yari minini kurusha n'imisozi yo ng'aha, ifuro ni ryo ryabagarukirako; vyari biteye ubwoba kumbure nk'ifuro ryera ripima imetero zitanu canke zitandatu hamwe n'iyo mikuba yaguma yîsēsa. Kandi ico cări ikintu giteye ubwoba kuri we gusaba ngo: "Mwami, nimba ari Wewe…" Murabona, Yaravye nk'i…Yasa nk'igitutu canke impwemu kanaka. Avuga ati: "Nimba ari Wewe, mbwira nze ndagusange ku mazi."

Yesu aramwishura ati: "Ngwino." Nuko aca arururuka, avuga ati: "Ni Umwami, hinge nitambukire." Ariko aho yakubitiza ijisho ku mipfunda, yaciye agiri ubwoba. Ni igiki căje mu vyiyumviro vyiwe? Ica mbere, ya… "Ngomba ndayagendereko kubera Ijambo rimbwiye kgutambuka." Igikurikira, yaravye ku ntuze yiwe…erega, yaravye ibimenyetso vyiwe; yaravye hirya abona ukuntu iyo mipfunda yasuriranya yari minini-minini, ni ho yaca agira ubwoba; amaze kugira ubwoba, aca atangura kunyika. Murabona? Ico yatinye, caciye kiba! Ico yizeye, carabaye! Igihe yizera yuko yoshobora gutambukira ku mazi, yarayatambukiyeko; igihe yizera hanyuma agatinya, mu kwizera kwiwe, ico kimenyamenya căcīye kimuvako. Murabona? Yaguma yatura ukwizera kwiwe, ariko ntiyari afise ikintu ntabanduka. Ico kintu ntabanduka cări guca gitambuka kigaca hejuru y'iyo mipfunda kikamushikana ho Yesu yari, murabona, iyo aza kuba yari afise kuno Kwizera Gutunganye. Murabona? Yamara ntakwo yari afise. Yiyumviriye yuko yari agufise. Ico yakoze ubwa mbere, yari yiteguriye kuva mu bwato acacisha, ngo: "Erega, Umwami ni We yambwiye kubikora, bitegerezwa gushika." Ni ho rero yaca ava mu bwato atarukira mu mazi, aragenda. Ntiyari yigeze yiyumvira ku mipfunda, ukuntu yariko irasuriranya. Ivyo ntiyari yigeze abishirako umutima.

43 Rero, iyo mutanguye kwiyumvira ngo: "Erega, hinge. None urazi, maze igihe kirekire cane ndwaye, nda…" Hagarika! Vyokubera vyiza usubiye mu bwato. Murabona? Murabona? Ariko iyo uretse kwiyumvira kur'ivyo,…

"Aburahamu ntiyitayeho umubiri wiwe, n'ubwo wari akaheze, canke igitereko ca Sara căṙi cârakábiranye." Ntiyiyumviriye kuri ivyo, eka mbere ntiyanavyitayeho. Ntivyǎnāza mu vyiyumviro. Ntiyigeze abifata nkama na gato; yafashe nkama ico Imana yavuze gusa, hanyuma ateri abandanya. Igihe cose Petero yakoze ivyo, yaratambukiye ku mazi.

44 Ariko Yesu yaba mw'isi ata muntu n'umwe yari ayizi, Yari Umuntu atangaje. Yaba mw'isi y'Ukwizera Gutunganye mu Mana Itunganye, iyo Yarimwo. Iyaba twari tuba mu Kwizera Gutunganye kw'Umukristo, ku co turi, twobaye turi abayobeye ku b'isi; abantu ntibobatahuye. Mwobaye mugendera muri Mpwemu. Ico Mpwemu yavuze, mwogikora. Ico Yabujije, ntaco mwokoze. Aho ni ho abantu baca batangura kuvuga…ba…woca uba umuntu ayobeye kuri bo.

Ukwo ni ko bimeze ku bizera bose, barayobeye. Abantu ntibabatahura kubera ko bo bibera mw'isi ya bonyene. Yesu yaba mw'isi ata muntu n'umwe yari ashoboye kuyikorako. Abigishwa ntíbǎshobora kumutahura. Igihe Yaba ababwiye ikintu, baca bavuga gurtya, bagaca bamubaza bati: "Erega, Uvugira mu migani! Ivyo ntavyo dutahura. Ni gute bishobora kumera gurtyo?" Murabona, ntibǎri mw'isi We Yabamwo. Murabona? Ntibǎshobora kumutahura, nta n'umwe yashobora kumutahura.

45 Nuko rero iy'umuntu abayeho mu kwizera kandi akagendera mu kwizera, ndiko mvuga ukwizera ntabanduka, aba ari aha wenyene kure y'isi yose, hanyuma agahinduka icaremwe gisha muri Kristo. Aho rero, muba mwinjiye birere vy'Umugeni ako kanya. Murabona? Murabona? Murabona? Muba mwinjiye mu cuka gikenewe kubw'Izamurwa, ako kanya. Ivyo bisobanura yuko umwe wese muri twebwe, atari umwungere gusa, abadiyakoni, abazezwa-bintu. Ivyo bisigura yuko abanyeshengero, buri muntu wese agendera mw'isi ya wenyene n'Imana. Ubatirizwa kwinjira mu Bwami, kandi ng'aho nta wundi muntu n'umwe ari yo kiretse wewe n'Imana. Murabona? Iratanga amategeko, na we ukayashira mu ngiro. Ico Ivuga cose, nta na hamwe hari igitutu c'ugukekeranya, urakomeza gusa utera uja imbere. Hamwe

Umwami avuze ibi, nta muntu n'umwe ari kw'isi ashobora kubigukurako, uca wibandaniriza mur'ubwo buryo nyene. Ubu rero mwinjiye mu Kwizera Gutunganye, ugutungana gutunganye kudashobora kunanirwa. Ukwo Kwizera ntikwigera kunanirwa. Ego me, Yari uwuyobeye kuri bo hamwe na kuno Kwizera Gutunganye, kandi n'ubu ni ko bimeze kuri abo bafise Ukwizera Gutunganye, barayobeye ku bandi.

46 Twigishwa "guhangana na wa Mubi, hanyuma na we akazoduhunga." Rero, guhangana ni "kumukubita hasi" nta bindi; guhangana na we, ni "kumuhunga." Imana yaravuze ikintu kanaka; ntaco bitwaye ivyo ariko agerageza kukubwira, ntunamutege amatwi. Utegerezwa…amatwi yawe aba yarapfuye ku bintu vyose kiretse gusa ivyo Mpwemu avuga. Murabona? "Uwuri n'ugutwi (uwumva), nabone ico Mpwemu abwira amashengero," uwuri n'amatwi yumva, nacakire ico Mpwemu abwira amashengero. Murabona?

47 Ico Satani avuga: "Emwe, sinshobora gusa…" Ivyo nta na kimwe bitegerezwa ku… "Erega ivyo niwavyigisha, idini rizoca rikwirukana…" Ivyo ntaco bisa bisanye, aca yibandaniriza atera aja imbere kwa kundi nyene.

"Uwuri n'ugutwi niyumve ico Mpwemu abwira amashengero." Murazi, muri Bibiliya, hama na ntaryo havuga ubudahengeshanya gurtyo. "Uwuri n'ukwizera. Uwuri n'ugutwi niyumve." Murabona? "Uwuri n'ubwenge naharure igitigiri c'ico gikoko." Ivyo bintu vyose bitandukanye. "Uwufise, nabwire abasigaye, kugira ngo na bo bashobora kuronka."

Rero ukwo ni ukwizera turiko turavugako kano kanya, ukwizera mutegerezwa kugira, kuno Kwizera Gutunganye; ukwo Kwizera kuvuze "Ego!" nta kintu na kimwe gishobora kuvuga "oya," iyo Imana ivuze "Ego." Murabona? Iyo Ivuze "Ego," ni "Ego!" Kandi nta kintu na kimwe gishobora kubigukurako na gato.

48 Hamwe na kuno Kwizera Gutunganye, Yari Atangaje. Kandi umurwanizi ntiyamugumye i ruhande umwanya munini. Twavyumvise mu cigwa co mur'aka gatondo. Igihe yaza n'imvugo z'amajambo ahanitse y'ubwenge mva-mutwe, aza kuyadebagura kuri Yesu igihe yamuturukira, yīsānze akoze ku rutsinga rw'umuyagankuba ungana na volote ibihumbi cumi: uca umumijurira nka hariya. Ego me mushingantahe. Yavuze ati: "Handitswe ngo 'Umuntu ntazotungwa n'umutsima gusa!'" Uuuh! Yari akubiswe n'uruntu rw'inguvu.

Mu nyuma aca aragaruka mu buryo bwiyoroheje, igihe yavuga ati: "None rero, Wewe uri Umuntu ahambaye, urashobora kwikororera ng'aha, ube umuntu kanaka."

Aramwishura ati: "Mperera inyuma Satani." Ôo bagenzi, mbega ayo yabonye! Kandi: "Ntukagerageze Uhoraho Imana yawe." Murabona, Yari yeretse Satani yuko Ari We Yari Uhoraho Imana. "Kubera handitswe ngo 'Ntukagerageze…'"

Ubu rero, iyo Satani ataza kumenya yuko Yari We Uhoraho Imana, yari kuba yaciye avuga ati: "Hinge gato, Wewe nturi Uwo Muntu." Ariko yaramenye ikibereye kurusha kumuhaririza.

Yaramenye ubutaka bwo guhagararako. Yamubwiye ati: "Ntukagerageze Uhoraho Imana yawe." Kandi ico ni co Yari Ari. Satani rero yaramenye ikibereye kuruta kuvuga ivyo, kubera ibikorwa vya Yesu vyǎri vyaramaze kwemeza yuko Yari Uhoraho Imana yawe.

49 Kano kanya murabe neza ikindi kintu. Ukwizera Gutunganye kurifatira mu minwe ibintu vyose bishika. Ukwizera Gutunganye kurifatira mu minwe ibintu vyose bishika. N'ubwo kiba ari igiki, kuracifatira mu minwe. Kano kanya, mwitegereze gusa! Iyo wizeye ikintu kanaka, hanyuma ukaba ufise ukwizera mu vyo uriko urakora; ntaco bivuze ibishika, ivyo ntaco bisa bisanye. Murabona, kurifatira mu minwe ivyo biba bishitse. Nimba ari mu cumba c'abarwaye, maze Umwami akaba yahishuye yuko hari ikintu kanaka kiza kuba, uca uvuga hanyuma ukibandaniriza.

"Ôo, mbega i…?" Nta kibazo na kimwe ubaza. Biba vyamaze kurangira, uca ubandanya wigira. Murabona? Kurifatira mu minwe ibintu vyose bishika. "Rero, niwakora ibi, *naka* na *naka* bazoca bagira…" Ivyo…Murabona, kuba kwamaze kuvyifatira mu minwe. Murabona?

Ukwizera kwizera yuko Imana izobigenza neza. "Sinzi ingene Igiye kubikora, ariko iyo bija hose Izobikora." Murabona? Kurifatira mu minwe ibintu vyose bishika.

Kandi ukwizera n'urukundo biravukana, kubera ko ntushobora kugira ukwizera kiretse ufise urukundo, kuko ukwizera kwawe kuri mu Mana akaba ari na Yo nkomoko y'urukundo. Ukwizera n'urukundo bikorera hamwe.

50 Aho, ni co kimwe nk'abari mu rukundo. Nimufate umusore n'inkumi, maze bakaba bakunda…bakaba bakundanye. Kandi uko barushiriza kubandanya bagatangura kumenyana cane, imitima yabo ica itangura gutera nk'aho ar'umwe. Murabona? Bari…ntibaba baraba umugabo n'umugore, ariko urukundo rwabo rurababohanya, gurtyo bakaba bizeranye. Rero, nimba bakundanye vya nyavyo, urukundo rw'ukuri, ukaba uzi yuko uyo mukobwa agukunda hanyuma na we akaba azi yuko umukunda, uba umwizeye (mufitaniye ukwizerana) nimba mwizeranye; nimba na ho mutizerana, vyobabera vyiza mutubakanye. Murabona?

Nimurabe neza, mutegerezwa kugira ukwizera. Hamwe mubatandukanije umwe mukamushira ku rugabano rwo mu buraruko uwundi ku rwo mu buraruko, urwo rukundo ruzoguma ruduhagiriza muri umwe rumujana kuri mugenziwe, ntaco biba bitwaye aho baba bari. Baraberanira abizigirwa uko bashoboye, kubera ko barakundanye. Nimba rero mukunda Umwami, atari kubera kugerageza guhunda gehinomu, ariko mukaba mukunda Umwami, mur'ico gihe muba mufise ukwizera mu Mana; murabona, nimba muyikunda.

51 Ni nk'umukobwa umwe…vyabereye hano i Louisville, nta gihe giheze. Umugore umwe, yari—yari i…yari Umukristo imyaka itari mike, ariko umugabo wiwe yari afise gusa…yari yarakunze, yari yarakunze uwo mugabo. Hari haheze imyaka ibiri abaye Umukristo. Ni ho rero bubakana; barakundana kandi bări bizeranye, nuko baca barubakana. Maze uwo mugore abwira umugabo ati: "Mukundwa, bitegerezwa kuba bigoye kuri wewe, uracari Umukristo mushasha. Vyabaye ngombwa yuko uca mu bintu vyinshi cane." Vyari ibijanye no kunywa inzoga. Avuga ati: "Vyabaye ngombwa yuko uca mu bintu vyinshi." Avuga ati: "Ndazi yuko bishobora kugushikira ukageragezwa bimwe bikomeye." Avuga ati: "Nshaka yuko umenya ikintu kimwe kano kanya: nivyagushikira ukagwa, nivyashika ukagwa mw'igeragezwa hanyuma ukananirwa, ntuzogume kure yo muhira; uzogaruke. Uzoce wiyizira hano, kubera ko nzoba ndi ng'aha ndakurindiriye, kandi nzogufasha kubisengera gushika uronse intsinzi. Nzigumanira nawe, kubera ko igihe twubakana, nubakanye na wewe kubera ko nagukunze. Kandi ntaco bitwaye ico uri cose, nguma ndagukunda."

Haheze iminsi mikeya inyuma y'aho, yariko asangira imfungurwa na bagenzi we mu cumba kirimwo amamashini, yariko arabibabwira, avuga ati: "Ariko, ni gute umuntu yokwigera akora ikintu na kimwe kitabereye mu gihe hariho umuntu kanaka agukunda ben'uko?" Murabona?

Ng'ivyo rero. Ni gute wohemukira ukwo kwizigirwa?

52 Natwe igihe twari tukiri abanyavyaha, turi kure, tutagira Imana; mw'isi, mu mwanda w'ivyondo, nk'uko nabivuzeko kano gatondo, Imana yaciye ituzako! Yarabarondeye, ntimwigeze murondera Imana. *"Nta n'umwe ashobora kuza kuri Jewe kiretse Data abanje kumukwega."* Rero Imana yaramanutse mu mwanda, uwo mwarimwo, Irabaronderayo maze Irawubakuramwo! Ivyo vyategerezwa kurema Urukundo rutunganye. Nimwitegereze ico mwări n'ico muri. Ni igiki cakoze ivyo? Ni Umuntu kanaka abakunda! Mbega ntimushobora kugira ukwizera mu vyo Yabasezeraniye none? Urukundo nyarwo rw'ukuri ruzoca rurema ugushira amanga mw'Ijambo ryayo.

53 Yaramfashe igihe ata co nari ndi. N'ubu ntaco ndi, ariko ndi mu kiganza cayo. Murabona, Yaramfashe. Kandi Yarankunze igihe ata gaciro nari mfise, ariko Yarampinduye. Ni nka kumwe wa Mushiki wacu w'umwirabure yavuze, ca gihe mu ntahe yiwe, yavuze ati: "Sindi ico nategerezwa kuba ndi, kandi sindi ico nshaka kuba, ariko sinkiri ico nahoze ndi!" Yari azi yuko yavuye ahantu kanaka, hariho ikintu kanaka cashitse. Rero n'uko bimeze. Nimba Imana, igihe ntari ndayizi, Yarankunze gushika aho Imanuka kundondera hanyuma Iranduza, ivyo bimpa ugushira amanga yuko Ishaka kunkoresha. Yari Ifise intumbero mu gukora ivyo. Hari ikintu kanaka Yambonyemwo. Hari ikintu kanaka yakubonyemwo. Yari ifise impamvu mu kubarokora, nimwitegereze abo bantu badakijijwe uyu munsi. Nimwihweze amamiliyoni Yari gushobora kuronka wewe utarimwo, ariko Yafashe wewe. Amen! Nta n'umwe ashobora gufata ikibanza cawe. Amen! Uri mu butunzi bw'Imana. Nta n'umwe ashobora kubikora. Urwo ni Urukundo rwayo kuri wewe.

None rero, urukundo rwanyu ntiruza kwongerekana kuri Yo? Rero ni ibijanye n'urukundo. Uko ibihe bimera kwose, ibizanwa n'ibihe biganzwa n'uru Rukundo rurema Ukwizera: yuko Imana igukunda, nawe ukaba ukunda Imana, nuko rero mukaba mukundana, hanyuma rero ivyo bica Bizana Ukwizera. Neza cane. Rero ntibishobora kureka kugaragaza neza na neza ico Imana yasezeranye ko vyogaragaje.

54 Ubu rero nimurabe! Ukwizera Gutunganye kuratyoroye, neza na neza nk'uko n'urukundo ruri. Murabona? Rero, iyo ukunda umuntu, utegerezwa…urakunda umugabo wawe canke umugore wawe. Nta kintu na kimwe rero gishobora kukubwira yuko "utamukunda" kubera ko uramukunda, kandi urabizi neza yuko umukunda.

Ubu hamwe nobaza nti: "Ushobora kwemeza gute yuko umukunda?"

"Ôo, ndavyemeza biciye mu kuntu ndamukunda." Murabona? "Ndi umugore w'umwizigirwa, w'imvugakuri. Ndi umugabo nyawe w'umwizigirwa, kandi ivyo biranyemeza yuko umugore wanje ndamukunda; canke umugabo wanje." Murabona, ubuzima bwanyu ni bwo bugaragaza ico muri. Ico kintu nyene kirakora no mu vya Rukristo. Murabona? Ukwizera kwanyu, muba mwizeranye, kuratyoroye. Kandi ni ikintu nyaco c'ukuri udashobora kwereka uwundi muntu, kiretse wewe wenyene ugifise, kandi ibikorwa vyawe ni vyo bikigaragaza.

55 Rero iyo ufise Ukwizera gutyoroye kutagira agatosi, nk'urukundo rwawe ku mukunzi wawe, mur'ico gihe uca ubigaragaza biciye mu kuntu wigenza. Ntuba ucidodomba, kubera ko urazi yuko vyaheze, hanyuma ugakomeza wibandaniriza. Ntaco bitwaye uko ibintu biba bisa, ico uwundi wese yovuga, uba uzi icashitse. Uba uzi ingene vyarangiye; neza na neza nka kurya uzi yuko ukunda umugabo wawe, nka

kurya uzi yuko ukunda…Murabona, urukundo n'ukwizera bitegerezwa kujana. Ni abagenzi, birakundana. Urukundo ruvamwo Ukwizera.

56 Iyo Satani atugerageje, dutegerezwa guhangana na we mu Kwizera Gutunganye mw'Ijambo Ritunganye, nka kurya Yesu yabikoze. Ijambo ry'Imana riratunganye. Dutegerezwa kugira Ukwizera Gutunganye muri rino Jambo Ritunganye, maze tukabona guhangana na Satani.

Kano kanya turanyarutsa uko dushoboye.

Kubw'Ukwizera kwiwe mw'Ijambo ryiwe natwe (Aranesha), turashobora kunesha ikintu cose: rwaba urupfu, kuzimu n'imva. Turazi yuko Imana ari Imana, kuno Kwizera Gutunganye mw'Ijambo ry'Imana Ritunganye, Yaranesheje ikintu cose yahuye na co. Urupfu ntirwanabashije guhagarara imbere yiwe. Indwara ntizashoboye guhagarara imbere yiwe. Ivyatemba biva muri We zari nk'inzuzi z'inkomezi, zigatemba ubudahengeshanya; impuzu ziwe zatembamwo ubushobozi. Abo bantu, abari baryamye mu mwijima, baregereza bagakoza urutoki ku mpuzu yiwe bagaca bakira. Urya mugore aho amariye kubikora, abantu bose baciye bashaka gukora ku mpuzu ziwe, kubera ko bari bahejeje kubona yuko hărihó inkomezi zătēmba ziva muri We ubudahengeshanya, zătēmba nk'inzuzi. Ng'Uyo rero, Agendagenda, Agendagenda mw'isi hamwe n'Ukwizera Gutunganye, kubera Yari Ijambo.

Ubu rero: "Nimwaguma muri Jewe," biciye muri We, Yarabazaniye Ijambo; "maze Amajambo yanje akaguma muri mwebwe," mukagendera mu nzira nka ya yindi nyene: inkomezi zica zitemba ziva muri mwebwe, inzuzi z'ámasôko y'Imana y'imihezagiro zica zitemba zigana abantu. Mbega murabona ico nshaka kuvuga? Ntimuba muriko muracacisha, si ivyo muba muriko muriremera mu vyiyumviro. Mu vy'ukuri biraba, namwe mukabibona. Hamwe mubaye muriko muravyiremera mu vyiyumviro, nta kivamwo; ariko nimba mu vy'ukuri biri ng'aho, birashika koko.

57 Ubu rero nimurabe! Murabona, kubwa Kwo, igihe Yahaguruka maze Akavuga ati: "Nimwasambura uyu Mubiri (uru Rusengero), nzowuhagurutsa mu minsi itatu." Kuber'iki? Yari azi neza yuko ivyo Yobikoze, kubera Ivyanditswe vyavuga yuko Yobikoze (Mesiya): *"Sinzorekera umushaha wiwe i kuzima, canke ngo Uwera wanje ngo abore."* Umuvugishwa, uwo Ijambo rizako, yari yaravuze yuko ivyo vyoshitse, na We Yaramenye yuko Yari We uyo Muntu.

Hanyuma igihe i…Yesu ubwiwe Yavuze ati: "Isengesho ry'ukwizera rizokiza uwurwaye," nako "Bazorambika ibiganza ku barwaye, bakire." Hamwe…Mutegerezwa kugira kwa kwizigira nyene yuko "ibiganza nivyandambikwako, nca nkira," kubera ni We Yabivuze.

Yavuze ati: "Nimusambure uyu Mubiri, Nzowuhagurutsa ku munsi ugira gatatu," kubera Yaramenye yuko Yari We nyene Mesiya. "Sinzoreka ngo Uwera wanje abore"; Yaramenye yuko Yari We uwo Wera. "Canke ngo ndekere umusaha wiwe i kuzimu"; ntiyamurekeyeyo. Yari abizi yuko Yobikoze. Yari afise ugushira amanga yuko Yari harya kugira ngo aneshe rupfu na kuzima, Yavuze ati: "Nimuwusambure, nimba ari vyo mushaka, nzongera ndawuzure mu minsi itatu." Ôo bagenzi! "Mfise ubushobozi bwo gusesa ubugingo bwanje, kandi mfise ubushobozi bwo kwongera kubwabira"; Yari azi uwo Yari We.

58 Uri Umukristo. Urafise uburenganzira kuri buri muhezagiro wose w'incungu Yesu yapfiriye kubwawe. Yose ni iyawe! Yaramaze kurihwa, mutegerezwa kuvyizera gusa. Atari kuvyiremera mu vyiyumviro; ariko kuvyizera, hanyuma mukamenya kw'ari ivyanyu, maze mugashobora kuvyigarurira. Ôo, ukwo ni Ukwizera kuneshi: urabizi!

Yabimenye yuko vyoshitse imbere y'igihe. Yari ashoboye kubivuga imbere y'igihe, kubera ko Yaramenye yuko vyoshitse; rero ico Yavuze imbere y'igihe cose, kizoshika. Ubu rero mwitegereze! Ico Yavuga cose, Imana yarubahiriza ico Yaba avuze. Ivyo nimuvyiyumvireko! Ico Yesu yavuga cose, Imana yaragishitsa. Rero, Yaramenye yuko Ijambo ryiwe yari Amajambo y'Imana. Ubu na ho murabe! Ico Canditswe nyene kirongera kikaduhindukirira ubutarariye kiti: "Nimwabwira uyu musozi." Ôo bagenzi! Hinge gusa ndeke ivyo vyinjire gato, murabona, kubera ko tugomba tugire umurongo w'amasengesho. Duca ducura ikoraniro hamwe no gusengera abarwaye, abashaka ku…baca bagenda.

59 Nimwitegereze! Yari azi yuko Yahimbara Imana. Yari azi yuko ata kintu na kimwe Yari afise mu buzima bwiwe. Imana yari yamaze kubishingira intahe: "Uyu ni We Mwana wanje nkunda akampimbara, nimumwumve. Uyu ni We Mwana wanje nkunda Uwo mpimbarirwa kubamwo," igihe Yabatizwa. "Mpimbariwe kugerera muri We, nta gutsindwa n'urubanza na kumwe kuri muri We."

Rero, igihe iyo Mana nyene ije kuri mwebwe, hanyuma Igahimbarirwa kubagereramwo, Igahimbarirwa kwubahiriza ijambo ryanyu, ingingo muba mufashe,…Ingingo ya Yosuwa yari iyihe? "We zuba, hagarara!" Kandi ryaciye rihagarara aho nyene. Amen! Ata nkeka! Ingingo ya Mose yari iyihe? Yaramvuriye inkoni yiwe hejuru y'uruzi *nk'uku*, aca arasemerera ati: "Uguruka!" Ruca ruruguruka! Murabona, ico musaba cose. "Nimwabwira uyu musozi muti 'Shinguka,' ntimukekeranye mu mitima yanyu, murabona, ariko mukizera yuko ico mwavuze gishika, murashobora kuronka ico mwavuze." Namwe ivyo bibatereka hano mw'Ijambo. Ubu rero, aya si amata y'abana. Murabona? Bibatereka ng'aho nyene. Ndazi yuko bihava

bibaca hejuru kumbure, murabona, kubera ko ukwo Kwizera kudashobora gushinga inanga. Ariko rero Ukwizera nyakwo kw'ukuri, ivyo guca kubicakira kano kanya nyene.

60 Narabibonye bagenzi. Ng'iyi Bibiliya irambitse imbere yanje. Narabibonye bishika, kandi ndazi ni Ukuri. Ndazi, Imana yo mw'Ijuru irabizi, yuko kumbure nshobora kutabaho igihe kirekire gushika ndangije buno Butumwa, ariko ndazi yuko bishika. Ndamaze kuvyibonera jewe nyene ubwanje. Ndi icabona c'ugushitswa kw'iri Jambo, kubw'ivyo ndazi kw'ari Ukuri: urabivuga, hanyuma ugaca wihagararira ng'aho maze ukabona Umuremyi arema ikiremwa kikabaho, aho nyene imbere yawe; ukazunguza umutwe wawe, kandi uhindukiye kuraba hirya ugaca umubona aremye ikindi kiremwa, neza na neza gisa na co, kubera ko wabivuze; mbere ugahindukira hano ukavuga uti: "Nihabeho ikindi harya," hanyuma witegereje, bikaba vyabaye! Rero, ukwo n'Ukuri.

61 Ôo, mbega twategerezwa kuba turi hehe? Ng'uko Ukwizera Gutunganye. Si iyerekwa, "Vuga Ijambo gusa," nta muhare nabona. Yavuze gusa kino Canditswe, ico cǎri, hanyuma ati: "Bivuge, ntubikekeranye; ariko ico uvuga kiraza kubaho." Hanyuma nca mfatira Imana kw'Ijambo ryayo, emwe vyaciye bibaho. Ukwo ni ukuri. Ivyo ni ibintu vy'ubushobozi…Kandi mugenzi, nk'umwungere wanyu, ivyo ni ivy'ubushobozi co kimwe nka kumwe vyari igihe Yosuwa yahagarika izuba; kubera ko izuba ryaza riri harya, ibintu ryariko rirazunguruka, na we aca ahagarika ukwo kuzunguruka. Ariko bino, Yashikanye kubaho ikitari gihari, Yararemye! Ndanezerejwe cane no kuba naramenyanye n'iyo Mana ishobora gufata umukungugu w'isi, umunsi umwe, ata kintu na kimwe gihari, maze Ikampamagara nkagaruka mu buzima, ukwo Kwizera nyene, inyuma y'aho nzoba namaze guhambwa mu mva. Ôo bagenzi! Ng'ivyo rero!

Ukwizera kwanje kuraba kuri Wewe,
Wewe Mwagazi w'intama w'i Gologota,

Nimwavuga kandi ntimukekeranya, ariko mukizera yuko ico mwavuze, muzoronka ico mwavuze. Murabona, mukizera yuko kizoshika!

62 Dawidi muri Zaburi Yaramuvuzeko. Kandi hamwe n'ivyo, Yaciye afata Ubushobozi bwiwe hanyuma Akorera abandi. Ntiyabwigunganye Wenyene, ariko Yabukoresheje ku bandi; Yararokoye n'abandi, gushika n'aho Akora ivyo ata wovyiyumviriye, kandi n'aka kanya Arashobora gukora nk'ivyo nyene. Kandi Yasezeraniye abizera ukwo Kwizera nyene, mw'Ijambo ryiwe, kandi Yohana…nka Yohana 14:12, Yarabivuze; Mariko 16; hamwe no muri Mariko 11:23, twabisomye.

63 Ubu rero murabe. Rero, Yatwiyeretse ari muri ya mero nyene Yiyerekeramwo abo mw'Isezerano rya Kera, kumwe nyene Yabikora mw'Isezerano Rishasha; kandi Yiyerekanye biciye muri rya Jambo nyene, Kristo Wa Wundi nyene. Kandi ndabemeje yuko Kristo ari We Mpwemu Yera. Iryo jambo Kristo risobanura "uwusîzwe amavuta"; umuntu yasîzwe amavuta, uwo na We ni Kristo, umwe Yasîzwe amavuta. Ni bangahe bazi yuko ivyo ari ukuri? Ivyo bisobanu…Uwasîzwe amavuta, hotegerejwe kuba umuntu yobaye asîzwe amavuta. Asizwe amavuta n'iki? Bibiliya ivuga hariya mu Vyakozwe n'Intumwa 2, yuko Yesu w'i Nazareti, Umuntu Imana yashingiye Intahe, Ikamusiga amavuta na Mpwemu Yera; yagiye akora ibikorwa bikomeye n'ibihambaye, murabona, iyo Mana igaragaye, Yaremeje yuko Yari mur'uyo Muntu.

64 Rero natwe duhinduka abasizwe amavuta n'uwo Mpwemu nyene, ba mesiya basizwe amavuta; ba mesiya bo mu gihe c'iherezo, kugira ngo dukayangane twerekana ukuzuka kwa Yesu Kristo; twerekane yuko atakiri uwapfuye, ariko mu mero ya Mpwemu Yera, ari mu bantu biwe; Agendagenda hagati mu Mugeni, kubw'urukundo amukunda, Yisuka muri we, ubwiwe. Bariko barahinduka Umwe kubwa vya Birori vy'Ubugeni; kandi vya bimenyetso nyene vyasezeranywe na ya Mana nyene, muri rya Jambo nyene, biriko bikora kwa kugaragazwa kwayo nyene.

Nta gisigaye kuri twebwe kiretse kuvyizera, kandi "kuvyizera" ni ikintu nyaco ntabanduka, kandi ivyo birema Ukwizera Gutunganye. Nimwiyumvire ukuntu dukongataye; ivyo nimuvyiyumvireko gusa akanya gato.

65 Ubu rero, reka turabe. Mbega vyose Yarabishikije neza?Hari ikintu Irigera Itubwira, maze ntigishike neza na neza nk'uko Iba Yakivuze? Mbega ntiyashikije yongera Ikora neza na neza ivyo Yari Yarasezeranye gukora, mbega hoho na ya Nkingi y'Umuriro ihambaye ntiyabanye natwe? Mbega ntitwayibonye? Ubushakashatsi ntibwayifotoye, bimaze kuvugwa imbere y'igihe ivyoshitse? Ugiye hariya, wanashaka n'ibinyamakuru n'amaradiyo vyarabivuzeko biranavyerekana, bugingo ivyo bintu vyari vyaramenyeshejwe amezi n'ayandi imbere yuko bishika. Mbega ntiyakoze mur'ubwo buryo nyene haba mw'Isezerano rya Kera canke muri Rishasha?Kandi ni Ya Yindi nyene! Mpwemu Yera araza agasoma amabanga anyegejwe; Ijambo ry'Imana na ryo ni rizima, kandi rifise ubukuba kurusha inkota y'uburyi bubiri, risuzuma ivy'umutima wiyumvira, ukagabira. Mbega si vyo? None iyo si ya Mana nyene? Kandi iyo Mana nyene si umushitsi ari ahandi hantu: Iri hano. Iri hano kandi ibi Ibikora kugira ngo Ireme Ukwizera Gutunganye. Ndayumva. Ndazi yuko kano kanya nyene Iri hano. Ndazi ko Mpwemu wayo ari hano. Ndazi yuko Izi vyose. Amen! Ndazi yuko hari ico Ishaka gukora. Iriko Irakora ikintu kanaka, kugira ngo Ireme ukwo gutungana kw'ukwizera mu bantu.

66 Mbega tugiye kwinjira mu Bihe Bidashira, nka kumwe vyari bimeze mu gihe ca Nowa, hamwe harokoka

imishaha umunani? Mbega tugiye kuza nka kumwe kwa Loti, yasohokanye batatu i Sodomu? Mbega tugiye kuza, nka kumwe kwo mu minsi ya Yohana Umubatizi, hamwe n'abizera batandatu? Nimuze twizere, kubera ko ibikorwa vyayo biratunganye! Biguma bigaragarira imbere yacu kandi mu buryo butunganye umunsi ku wundi, vyerekana yuko ari Ijambo, iri Jambo! Abaheburayo, igice ca 4, havuga hati:

> *Kukw'Ijambory'Imana ari rizima, rifise ubukuba buruta ubw' inkota y'uburyi bubiri,ririnjira gushika n'aho ritanya ubugingo n'impwemu, rigatanya ingingon'umusokoro...rigasuzuma n'ivyo umutima wiyumvira, ukagabira.*"

Nimuvyibazeko! Ijambo ry'Imana riri Iki: Umususuzumyi w'ivyo umutima wiyumvira ukagabira. *"Kukw'Ijambo ry'Imana ari rizima, rifise ubukuba buruta ubw' inkota y'uburyi bubiri, ririnjira gushika n'aho ritanya ubugingo n'impwemu, rigatanya ingingo n'umusokoro, rigasuzuma n'ivyo umutima wiyumvira, ukagabira."* Ijambo ryahindutse umubiri! Haleluya! Ijambo rikorera mu mubiri w'umuntu, biciye ku bimenyetso bigaragara, bitunganye, kugira ngo bibashikane ku Kwizera Gutunganye kubw'Izamurwa Ritunganye.

67 None ni kuber'iki tutorihanga amaso ga bagenzi? Atari amayobera; umurwanizi yashize mw'isi buri kintu cose imbere, agerageza kubabuza, kubagira…ababurabuze kuryizera. Azoza mu gikorane yongere agerageze kuzana ibintu vyose ashoboye kuzana imbere yanyu. Muzoce mumwikunkumura! Bibiliya ivuga iti: "Haguruka mwikazanure." Nimukenyere.

Mpwemu wayo ari hano, Irakuzi. Ufise ikintu kimwe gusa co gukora, ico na co ni kuryizera, kuryemera. Irakuzi. Mbega ivyo uravyizera? Irazi ikiri muri wewe, Irazi ic'uri, Irazi ico wipfuza, Irazi ivyo ukeneye.

Jim, urizera yuko Izi ibijanye n'urya mwana? Yafashwe n'inyonko imbere yuko uza, igipimo c'ubushuhe cashika kw'ijana na gatanu. Mbega urizera yuko Iri bumukize? Vyamujeko uyu munsi, aca ararwara. Ariko ivyo biraza kumuvako. Mpejeje kuraba ng'aha nca ndabona ivyo bakoze imbere yuko bava muhira. Rero, ukwo ni ukuri.

68 Yewe Muka Little, urizera yuko Imana yoguha intsinzi kur'ico gisukari? Hariho umugore yicaye hambavu yawe, sindakuzi, ariko Mpwemu ari hejuru yiwe. Ico afitiye impungenge ni ibijanye n'umwana muto…afise umwana ategerezwa kubagwa ijisho canke ikintu nk'ico. Aturuka muri Chicago. "Ni Rizima, rifise ubukuba buruta ubw'inkota y'uburyi bubiri; Umusuzumyi." Ni iki? Ijambo! Uravyizera ivyo? Ata nkeka.

Hariho umukenyezi yicaye mur'uwo murongo nyene ukurikira; yarabazwe ijisho, ariko ntacavuyemwo. Ariko uraryizera, bizo…Uzokira. Uravyizera? Vyiza cane. Ariko aravyiyumvirako.

Yewe Muka Peckenpough, si ibijanye na wewe, ni ibijanye n'uyu mwuzukuru yicaye hano. Uriko urabisengera, ariko urizera yuko Imana izobiroranya? Urizera yuko Imana ishoboye kumbwira ikitagenda neza kuri we? Abaganga ntaco bazi, oya. Ukwo ni ukuri. Avyimvye amahaha. Ivyo ni vyo. Afise ingorane y'amaraso. Neza cane! Hariho ukuzazanirwa nimba bagiye kumureka aje kw'ishure canke batagiye kumureka ngw'ajeyo. "Ni Rizima, rifise ubukuba kurusha inkota y'uburyi bubiri."

69 Ndabonye umugore adashwe imfungurwa. Ari ahantu kanaka, hinge ndabe aho ari. Ego me, yicaye hariya inyuma. Izina ryiwe ni Muka Lewellan. Arizeye n'umutima wiwe wose. Indwara y'umushishito iraza kukuvako. Amen!

Ng'uyu umukenyezi yicaye atumberanye na we, ariko arandaba kano kanya, yicaye ku mpera; yambaye amarori. Afise ingorane y'amakonyera. Biri mu kuboko kwawe kw'i bumoso; ni ho vyari, ariko ntibigihari ukundi. Ego me, nimba wizeye!

Bimeze gute ibijanye n'ako kana gato, ng'aho inyuma? Kava i Ohio; gafise kansere mu jisho. Mbega urizera yuko Imana igakiza? Irabikora, uravyizeye. Ashland, Ohio! Ubu rero wizere yuko Imana iza kubiroranya, iraza kubikora. Ni iki? "Rifise ubukuba, ni rizima kurusha buri…"

Ehe ng'uyu umukenyezi yicaye hano, hariho ikintu kanaka kimucumukuje, afise ingorane mu rutugu rwiwe. Ivyo ni vyo. Mbega ni vyo? Vyiza cane, Ryizere, hanyuma biraza guhera. Murabona? "Ijambo ry'Imana, Rirasuzuma ivyo umutima wiyumvira, ukagabira."

70 Ubu rero, nta makarata y'amasengesho ahari mur'iyi nyubakwa. Nta n'umwe wo gesengera…yatanze amakarata y'amasengesho. Aha ntayo turi bukoreshe, ni kugira ngo bigume mu rutonde gusa. Murashaka gusengerwa? Ni bangahe bashaka gusengerwa mu gihe Ijambo rigaragajwe mu mubiri? Bano bicaye kw'uru ruhande nibahaguruke begereze kur'uru ruhande, bano bo kw'uru ruhande baze ubwa mbere ng'aha, abipfuza gusengerwa. Hanyuma, nipfuza yuko aba bo kw'uru ruhande baca babakurikira. Hanyuma, nibamara kurengana, uru ruhande ruce ruza.

"Ni Rizima, rifise ubukuba kurusha,…" Mbega inkota y'uburyi bubiri ivyo yoshobora kubikora? Oyaye

mushingantahe! Ariko Ijambo ry'Imana rirashoboye kubikora. Kuber'iki? Ni Ijambo ry'Imana. Kano kanya, muravyizera?

Muganga Mwiza! Umwe Mushiki wacu w'iy'epfo muri Tennesse, Mushiki wacu Ungren, nako Downing ari hehe? *Muganga Mwiza ari hano.*

Ibi sinzokwigera ndavyibagira, hariya muri Fort Wayne wa mugoroba igihe wa mukobwa Amish nako Dunkard yari yicaye harya, ariko avuza *Muganga Mwiza ari hano*, yumvise yuko mutoya wiwe yari akize, aca arasimba, Mpwemu Yera amumanukako, imishatsi yiwe myiza isanzarira ku bitugu vyiwe, ariko piyano ntiyigeze ihuya n'inote na rimwe. *Muganga Mwiza ari hano, Yesu Munyembabazi.* Ubushobozi bw'Indengakamere bwaciye bubandanya buvuza amanote ya piyano: *Muganga Mwiza ari hano.*

71 Nimwitegereze, mu…Murizeye? [Umuntu umwe avuze ati: "…?...Ego me, nshaka kwizera."—Umw.] Urabishaka? Murabona? Ubu rero mwibuke, nimwaca…Rero nimba utavyizera, ntiwirirwe uraza, guma aho wicaye. Nimuvuge muti: "Sinza ku…Sinza kugenda ntagira icemezo. Nje nizeye mu buryo ntabanduka."

Ubu rero, Bibiliya ivuga iti: "Ibi bimenyetso bizokubikurikira abazoba bizeye: nibarambika ibiganza kubarwaye, bazokira." Rero, ivyo bifise ibi bisabwa: "nimba muvyizeye." Kano kanya, ndizeye bino. Imana iravyemeze kuri mwebwe, ndavyizeye. Murabona?Iragaragaza Ijambo ryayo kugira ngo Yerekane yuko iri ari Ijambo ryayo. Ugushitswa kw'Ijambo kuravyerekana. Ubu, mwizere nimwarengana mw'uyu murongo. Muraza kubikora? Hanyuma kandi ninabarambikako ibiganza…ivyo ni vyo Bibiliya ivuga.

72 Urafise amavuta y'isigwa ga Mwene Data Neville? Yatore, hanyuma uze uhagarare kuri rurya ruhande, dushitse Ivyanditswe. Hagarara kuri rurya ruhande, uyasige umuntu wese mu gihe bazoba bariko bararengana, natwe turiko turabasengera. Kano kanya, kugira ngo menye neza yuko ngira isengesho ry'ukwizera kuri bur'umwe wese muri mwebwe, abizera nibarabe uwo barambikako ibiganza. Nimuramvure amaboko yanyu maze murambikaneko ibiganza. Aho ni ho tuza kugundura ikintu kanaka, mu minota mikeya.

Ndaza kuraba ukuntu ishengero ryanje ryateye imbere mu vyo twizeye; ndabe gusa ukuntu abantu bateye imbere; ukuntu biteguriye gufata Inkota maze bagatonda urugamba, bakavuga bati: "Ndaguhinyuje Satani. Urabona? Ndaguhinyuje! Ntugishoboye kuntera ukutizera ukundi." Ivyo bintu vyakoretse kuber'iki? Kugira ngw'abantu baze kwizera. Ni Ijambo. Aho ni ho habonekera yuko ndiko ndabigisha Ukuri, Ijambo. Ijambo rigirwa umubiri, rigirwa umubiri muri mwebwe; Ijambo ritanga, ritanga Ubugingo muri mwebwe, ritanga Ubugingo muri jewe. Murabona?

*Muganga Mwiza ari hano!* Neza cane, reka twunamike imitwe yacu kano kanya.

73 Mwami Yesu, Muganga Mwiza aregereje, ni Wewe uri uwo Muganga. Nigishije Ijambo ryawe, kandi Ijambo ryawe ryavuze yuko Uri ng'aha; yuko Uri Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi n'ibihe vyose; yuko Udashobora kunanirwa. Ntiwigeze unanirwa kuri twebwe Mwami. None rero kano kanya, reka abo bose barambitse ibiganza ku bandi, reka imihezagiro y'Imana ibe kuri bo. Kandi nk'uko twaje, ni abizera. Mu gihe turiko tubasiga amavuta, jewe be n'umwungere, na bo bariko baca mur'uyu murongo, reka umwe wese muri bo arengane hano afise ukwizera kwo kuvyizera, bamenye yuko ya Mana nyene Yo mw'Ijuru ihagaze ng'aha mur'aka kanya. Reka bose bikazanure. Mbega bonyene barabishoboye kano kanya ga Mwami? Reka ba…reka vyinjire ibwina, Mwami, kano kanya. Ugurura amaso yabo, Mwami, kugira ngo bashobore kubona ibiriko biraba, ntibabe impumyi, bacacisha, ariko babone ukuri kw'Inyonga za Yesu Kristo yazutse. Biduhe Mwami, mw'Izina rya Yesu. Amen.

74 Ndabihanije mw'Izina rya Yesu Kristo, ntimutumbere mur'uyu murongo w'amasengesho kiretse mwumva yuko mufise ukwo Kwizera Gutunganye, kubera ko muzoba muriko mutwara umwanya wabo, umwanya w'uwundi muntu. Ntimubikore! Kandi biciye…Kuva ndababwira ubutumwa, hari na kimwe nigeze ndababwira ngo kibure gushika? Koko! Umwami ni We yabikoze ivyo. Ntiyabikoze kubera jewe, jewe ndizera. Yabikoze kubwanyu, kugira ngo mubashe kwizera yuko ivyo mbabwira ari Ukuri. Kano kanya rero nimuvyizere, bizogenda neza, kandi bi…muzokira. Muje ng'aha, ce muterera ukutizera kwanyu mu…mu kigunira co mu buryo bwa mpwemu co hiyo epfo. Ntimubibona, ariko biri ng'aho. Ayo mavuta niyabakorako, muce muterera hirya ukutizera kwanyu. Ce mugushira ku ruhande hanyuma mwigire hamwe n'Ukwizera Gutunganye yuko mwakize. Muraza kubikora? Umwami abahezagire rero!

75 Vyiza cane, ngira nsabe umuntu ashobora kurongora indirimbo, kugira gusa…Wa muvugabutumwa adasanzwe, Mwene Data, umwe…ari hehe? Mbega yitwe ngw'iki? Capps, Mwene Data Capps. Ari mu murongo? Ivyo ni ibiki? Ngwino hano Mwene Data Capps, hagarara ng'aha uririmbishe ikoraniro *Muganga Mwiza ari hano,* mu gihe twese turiko turasenga.

Mu gihe bariko barayiririmbisha, umwe wese muri mwebwe naririmbire mu mutima wiwe. Ntimuririmbe gusa muvuga muti: "Ngomba ndirimbe 'Muganga Mwiza ari hano, Yesu Munyembabazi, ni We avyura abahenutse, Yesu Munyembabazi'" [Mwene Data Branham yerekanye igishika co kuririmba.—Umw.] Ôo, ôo, ôo, bagenzi!

Mu ntamatama zanyu! Mu mano yanyu. Muri mitima yanyu igavye. "Ego me, Muganga Mwiza ari hano, Yesu Munyembabazi!" Aragaragaza yuko ari hano! Ndamwizeye. Amen.

76 Vyiza cane. Reka ba…Reka abafise ukwizera baze bakurikirana.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndamurambitseko ibiganza kubw'ugukira kwiwe.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndaciriyekw'iteka indwara.

Mw'Izina rya Yesu Kristo ndarambitse ibiganza vyanje kur'uyu Mwene Data, kubw'ugukira.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndarambitse ibiganza kur'uyu Mushiki wacu kubw'ugukira kwiwe.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndarambitse ibiganza kuri Mwene Data wanje kubw'ugukira kwiwe.

Mw'Izina rya Yesu Kristo ndarambitse ibiganza kuri Mushiki wacu kubwo gukira.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndarambitse ibiganza kuri Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndarambitse ibiganza kuri Mushiki wacu kubwo gukira.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndarambitse ibiganza kuri Mushiki wacu kubw'ugukkira kwiwe.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndarambitse ibiganza kuri Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndarambitse ibiganza kuri Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndarambitse ibiganza kuri Mwene Data kubwo gukira.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndarambitse ibiganza kuri Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu Kristo!

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, kiza uyu Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu!

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data. Nakire.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza uyu Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza kino kibondo. Mana bikore.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza kano gahungu gato.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza kano gakobwa.

Mw'Izina rya Yesu, kiza uyu Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Izina rya Yesu, kiza uyu Mwene Data, Mwami.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, numukize Mwami, Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, Mwami…?...kubw'Ubwiza bw'Imana.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza uyu mwana.

Mw'Izina rya Yesu, kiza uyu Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza uyu Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, kiza uyu Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza uyu Mushiki wacu…?...

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, Mwami, kiza uyu Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data, mugirire neza.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, kiza uyu Mushiki wacu, Mwami.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza uyu Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza kano gakobwa.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza kino kibondo.

Kiza kino kibondo Mwami, mw'Izina rya Yesu.

Kiza kano gahungu mw'Izina rya Yesu.

Kiza uyu Mushiki wacu, Mwami, mw'Izina rya Yesu.

Kiza Mushiki wacu Collins, Mwami, mw'Izina rya Yesu.

Kiza Mushiki wacu, mw'Izina rya Yesu.

Kiza Mwene Data, mw'Izina rya Yesu Kristo.

Kiza Mushiki wacu, mw'Izina rya Yesu.

Nimushire ku ruhande ukutizera kwanyu kano kanya.

Mw'Izina rya Yesu, kiza uno Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Nimuterere ukutizera mu gisandugu kano kanya. Nimukwirengagize. Nimufate Ukwizera Gutunganye. Mw'Izina rya Yesu, nimugufate. Nibikoreke.

Mw'Izina rya Yesu, bitange, Mwami.

Mw'Izina rya Yesu, bitange, Mwami.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu, Mwami.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu!...?...

Mw'Izina rya Yesu, mukize uyu.

Mw'Izina rya Yesu, Kiza Mushiki wacu.

Hezagirwa Mwene Data. Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data Cox. Imana ihimbazwe!

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Ubu rero mwibuke, ndiko nshiramwo ukwizera kwose kubera nzi ingene bikorwa, mur'ibi, kubw'intumbero kanaka.

Mw'Izina rya Yesu, kiza kano gakobwa.

Mw'Izina rya Yesu, kiza uno Mushiki wacu.

Mwami ndarambitse ibiganza kur'iki kibondo. Rero nigikire mw'Izina rya Yesu. Amen.

Mw'Izina rya Yesu, kiza kano gakobwa.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, bimukize bino Mwene Data.

Aka gakobwa gato? Vyigumizeko. Mw'Izina rya Yesu Kristo, bakize, kubw'Ubwiza bwawe.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza uno Mwene Data akiri muto.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, ndasavye ugukira kwiwe.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu, Mwami.

Mw'Izina rya Yesu, kiza uno Mwene Data akiri muto.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, kiza Mwene Data, iki kibondo.

Mw'Izina rya Yesu, nubakize, Mwami.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Kiza Mushiki wacu mw'Izina rya Yesu.

Kiza Mwene Data, mw'Izina rya Yesu.

Kiza Mushiki wacu, mw'Izina rya Yesu.

Kiza Mwene Data, mw'Izina rya Yesu.

Kiza Mushiki wacu mw'Izina rya Yesu.

Kiza Mushiki wacu mw'Izina rya Yesu.

Kiza Mushiki wacu mw'Izina rya Yesu Kristo.

Kiza Mushiki wacu.

Kiza Mushiki wacu. Bahezagire, Mwami, kubera ababo…?...mw'Izina rya Yesu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mushiki wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data wacu.

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data wacu, Mwami.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, kiza Mushiki wacu, Mwami.

Mw'Izina rya Yesu, niwishure uno mutwaro.

Mw'Izina rya Yesu, Kiza Mwene Data.

Nimushire ku ruhande ukutizera kwanyu. Nimuze mwizeye kano kanya, Imana iraza kubikora. Nimuze muvyizeye, Imana na Yo iraza kubikora. Jewe ndavyizeye. Ndiko nkoresha ukwizera kwose mfise. "Bazorambika ibiganza ku barwaye, bakire."

Mw'Izina rya Yesu, kiza Mwene Data.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, kiza Mushiki wacu.

Vya birori bimeze gute ga Mwene Data Neville? Mwene Data Dauch, umunyago w'ubuntu bw'Imana! N'umuntu yategerezwa kuba yarapfuye! Haraheze indwi imwe canke zibiri.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, Mana, utegerezwa kuba Umukunda, kuko wamukoreye ibikomeye. Ndamurambitseko ibiganza vyanje, mw'Izinarya Yesu Kristo.

Mwami Mana, ndarambitse ibiganza vyanje kur'uno mukenyezi w'igiciro, mw'Izina rya Yesu Kristo, kubwo gukira kwiwe. Amen.

Abo bose?

Kano kanya reka twunamike imitwe yacu.

Muganga Mwiza ari hano

Ni We Mukunzi wacu.

Ni w' avyur'abahenutse

Ôo, niwumv'Ijwi rya Yesu.

Indirimbo z'Imana,

Ijwi ni nk'irya kera,

Twese nituririmbe,

Yesu! Yesu! Yesu!

77 Murazi ivyo nabakoreye? Munyita "umwungere wanyu"; kandi muvuga ko, kubera ndi we. Nimba

jewe, umwungere wanyu, nadondoranywe na Yesu Kristo, yuko nkora ibikorwa vyiwe, nimuce mwizera amajambo yanje. Biciye mu gukora iki gikorwa c'ukwizera, mu kubarambikako ibiganza, naciriyekw'iteka indwara zose n'imibabaro yose yari ibacumukuje. Ivyo nimuvyizere, gurtyo muzokwishurwa imitwaro yanyu, n'ubwo coba ari igiki, kubera vyose bishobokera uwizera. Kandi iyo musenga, mwizere yuko muronka ivyo mwasavye. Nanje ndizera vy'ukuri yuko nabihawe, kandi mu mutima ndemeye ugukira kw'umwe wese muri mwebwe, ndakwemeye, ivyo vyakoretse. Ndavyizeye, ndavyizeye n'ibiri muri jewe vyose. Kandi, ndarambitse ibiganza vyanje kur'iyi mishwaro iri hano, nariko ndayitegereza cane, ndizeye yuko izotanga neza na neza ico abantu băsavye. Ndavyizeye.

78 Ibi biriko bigana muri wa Mukwego wa Gatatu! Ndavyizeye. Kano kanya, ngomba ndababaze ikibazo gishimitse, mwebwe mwaciye mu murongo w'amasengesho. Murashobora kwizera vy'ukuri, kandi mukumva kano kanya yuko hariho ikintu kanaka cabaye uhereye aho murambikiweko ibiganza? Nimukirize ibiganza vyanyu!...?...Ng'ivyo rero. Ivyo ni vyo twari turindiriye. Rero, ivyo ntabwo…Ubu rero ivyo bitanguye kwaguka. Murabona? Ivyo bihejeje gutangurana n'i…Ivyo nabikoze kubw'intumbero kanaka. Nabikoze kubw'intumbero kanaka. Ndiko ndategura ikintu kanaka, murabona, mu gufata ubwo bushobozi bw'ukwizera, hamwe no mu gusubira inyuma hanyuma bikinjira…kugira ngo nduze ukwizera mu mero mutari bwigere mubona ubwa mbere. Atari ukwizera ukwo ari kwo kwose, ariko Ukwizera Gutunganye gukomejwe hano imbere. Hanyuma mwibonere Imana Itunganye, mufise imitima itunganye, muzigamye isezerano ritunganye, biciye mw'Ijambo ryayo Ritunganye, rifise ubukuba kurusha inkota y'uburyi bubiri, kandi risuzuma ivyo umutima wiyumvira, ukagabira. Ubu rero turashikiriye ugutungana, kubera ko abantu bategerezwa gushikira ibi kugira ngo Izamurwa ribe. Ikirifatiriye kano kanya, ririndiriye yuko Ishengero ryinjira muri kuno Kwizera Gutunganye kubw'Izamurwa. Ndiko ndakurondera. Ivyo bisobanura yuko ntegerezwa gusekagurwa nkacishwa bugufi, kandi ivyo bisobanura ivyo nyene no kuri mwebwe, ariko twese hamwe tuzobishikakako kubw'ubuntu bw'Imana. Amen.

Muganga Mwiza ari hano,

Ni We Mukunzi wacu;…

Mwami Yesu, hezagira Mwene Data mukundwa. Reka Mpwemu wawe Yera akize burundu uyu mwungere, muhe amagara meza n'inkomezi, mu gikorwa wamuhamagariye. Mw'Izina rya Yesu. Ndavyishuje Mwami. Ndamukunda. Turavyishuje. Turazi yuko ari ukuri. Turavyizeye kano kanya.

...Twese ni turirimbe

Ô Yesu! Yesu! Yesu!

79 Mbega ntimumukunda? Nimwiyumvire gusa, kano kanya nyene, igikorwa catanguye gukoreka mu mibiri yanyu, kubwo gukira kwanyu, kubera ko ivyo ni vyo Yasezeranye yuko vyoshitse. None rero, murabona, mwatahuye ico nariko ndavuga kur'uyu mugoroba? Mwaronse urupfunguzo rwavyo? Murabona, "Nimwabwira uyu musozi," murabona, ntimukekeranye, ntimukekeranye, ariko mwizere ico muba muvuze. Ubu rero muvyitegereze, mu kiringo kitarenze n'iminota itanu, ikiganza cose cakirijwe, vyerekana yuko hari igikorwa catanguye muri bo uhereye none! Ôo, bagenzi! Ng'Uyo rero. Ni ivyo rero! Ni ibiki? Inyonga za wa Muganga Mwiza.

Ôo, reka tuzamurire ibiganza vyacu ku Mana twongere tuyiririmbe kandi.

Muganga Mwiza ari hano,

Ni we Mukunzi wacu.

Ni w' avyur' abahenutse,

Ôo Niwumv' Ijwi rya Yesu.

Indirimbo z'Imana,

Ijwi ni nk'irya kera,

Twese nituririmbe,

Ô Yesu! Yesu! Yesu!

80 Reka duhagarare twemye gato. Reka tuyihimbarize mu mitima yacu. Nimuvyiyumvireko: Imana, Iri hano. Iri hano. Inde? Imwe Yidondora ubwayo yuko ari Jambo. "Mu ntango Ijambo ryariho, kandi Ijambo ryahoranye n'Imana, kandi iryo Jambo yari Imana. Kandi iryo Jambo ryigize umubiri ribana natwe, rya rindi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose. Ijambo rifise ubukuba kuruta ubw'inkota y'uburyi bubiri, riranasuzuma ivyiyumviro n'imigabo (ivyabazanye hano, intumbero yakuzanye hano, uwo uri we)"; ridondora yuko Yesu Kristo ari We Mesiya, kandi n'uyu munsi rimudondora nk'Umwe Mesiya nyene, ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose.

81 Uwo Muganga Mwiza ari hano, ni wa wundi Yavuga ati: "Ng'ibi bimenyetso bizokurikira abazoba bizeye. Bazorambika ibiganza ku barwaye, bakire. Kandi nimwabwira uyu musozi muti 'Shinguka,' hanyuma ntimukekeranye mu mitima yanyu, ariko mugashobora kwizera." Nimba Ashoboye kurema imihare itari ihari, yo ata buryo na bumwe buhari canke ngo habe ikintu na kimwe kuri yo co kwizera; ni ukwizera kwanje bwite kugenda kukabikora, ukwizera kwanje mu co Yampinyuje gusaba. Yampinyuje kuyisaba. Nanje nca ndemera ako gahinyuza kayo mu kwumvira Ijambo ryayo, nca ndayisaba, ica iraseruka! Imana yo mw'Ijuru irazi yuko ari ukuri. Mbega abarwaye bobo ntishoboye kubakiza? Nimba ishoboye kunduza mu gushikana ukwizera kwanje hano hejuru, no ku bantu, n'ubwo bo batoba bashoboye kuduga ngo bashike kw'urwo rugero, batahashitse, Irashobora gukoresha ukwizera kwanje. Irashobora kunduza gushika mw'ico kibanza maze nkadugayo kubwanyu. Nkizera kubwanyu. Nkavuga kubwanyu.

82 Ndi Mwene So, kandi, nka Mwene So, nkahagarara ng'aho nk'umuvugizi hanyuma nkagerageza kubashikana imbere y'Imana. None kano kanya mpagaze imbere y'Intebe Yera y'Ubwami, mfata ibi… ntunze urutoke rwanje kuri ca Kimazi kiva Amaraso, nongera namamaza mw'Izina ryiwe yuko vyakoretse. Ivyo bitegerezwa gushika, bitegerezwa gushika. Murazi ko vyabaye. Ndazi yuko vyabaye kandi namwe murabizi, kandi ni uko bimeze. Ni vyo. Amen.

…twese ni turirimbe:

Ô Yesu! Yesu! Yesu!

Indirimbo z'Imana,

Ijwi ni nk'irya kera,

Twese ni turirimbe:

Yesu! Yesu! Yesu!

83 Kandi abadayimoni twahawe kubaganza mw'Izina ryawe, Izina ryiza ririrrimbwa n'abapfa. Abadayimoni…Rimwe rizura abapfuye, rimwe rikiza abarwaye, rimwe rihumanura abanyamibembe, rimwe risenda abadayimoni, rimwe rigira abantu Abakristo. Nta rindi Zina twahawe musi y'Ijuru. Mba muri Ryo, nabatijwe muri Ryo, ndaryizeye, nsenga muri Ryo. Ôo, nimundeke mbe umugabane waryo. Reka nzimangane jewe wese; ndarironke, Mwami, muri Wewe, Iryo Zina ni Yesu Kristo, umwe Mesiya asizwe amavuta. Reka nicire inzira mu vyondo vy'ukutizera, kugira ngo nerekane ubwiza bwa Yesu Kristo, Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe vyose.

84 Kano kanya Imana ibahezagire. Nimwagaruka hano kuw'Iyinga uza, muzoshinge intahe y'ingene mwakize, ibizoba vyabaye mur'iyi ndwi. Mwitegereze murabe ibiba. Vyarangiye! "Ubizi ute?"

Yambwiye kuvuga nti: "Bivuge," none nanje nabivuze. Ni ivyo. Ni ivyo. Vyarangiye. Ndavyizeye. Kano kanya, umwungere, Mwene Data Neville.

Hinge gato. [Ubutumwa buzananye ku kuvuga mu ndimi. Uwundi Mwene Data aciye abusobanura: "Mbega Ijambo ryanje ntiriri mu mitima y'abo ngomba kurihishurira? Ego me, ni k'Uhoraho agize. Ego me, Ijambo ryanje rifise ubukuba nk'uko navuze uyu mugoroba, Ijambo ryanje rifise ubukuba nk'ubw'inkota y'uburyi bubiri. Ndabibabwiye, ukuboko kwanje si kugufi ngo kubure gukiza. Ugutwi kwanje si ukw'igipfamatwi kugira ngo kubure kwumva amasengesho yanyu, ni k'Uhoraho agize, Imana yanyu. Ego me, nimumpange amaso kandi mumenye yuko ivyo nababwiye bizoshika {*ivyo mw'aka gace ntivyumvikana neza*}, ni k'Uhoraho agize, Imana yabo. Ego me, nimubimenye, ego me, ibi mubwiwe uyu mugoroba ni Ukuri. Ego me, ibitangaza nabasezeraniye, ego me, biramaze kuba biriko birashika, ego me, birashitse, ni k'Uhoraho Imana yanyu igize. Ni mubimenye kandi iryo sengesho ryemezwe mu mitima yanyu yuko nakoranye namwe kandi ko nzobana namwe, ni k'Uhoraho agize."—Umus.]

Hahezagirwe Izina ry'Umwami. Reka tuzamure ibiganza vyacu tumuhimbaze akanya gato.

Turagushimiye, Mwami. Turagushimiye, Mwami. Urakoze, Data. Urakoze, Data.

Nk'abizera, mbega mwabonye ukuntu ubutumwa bwari burebure n'ukuntu bwatanzwe, mbega mwabonye ukuntu n'insobanuro yaje mw'ubwo buryo nyene? Ni ivyo. Nimurabe ico vyari biri, bihuye neza na neza n'Ubutumwa, vyemeza yuko ico kintu cari Ukuri, yuko Yamaze gushitse ivyo Yabasezeraniye yuko Yokoze. Nimurabe ukuntu vyaje, mwongere murabe ukuntu vyasobanuwe. Nimurabe umwanya yamaze arikw'aravuga, mwongere murabe amajambo yavuze ukw' angana; birahura neza na neza.

Umwami abahezagire gushika nongeye kubabona. Amen.

Kugez'aho tuzobonana;

Aho tuzobana na Yesu.

Kugez'aho tuzobonana,

Yes' abe hamwe nawe hose.

MESSAGE hub online
www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7